**Université du Burundi**

**Dépôt institutionnel officiel** **https://repository.ub.edu.bi**

Grenier du Savoir du Burundi Mémoires et Thèses

2013-06

# Umuryango w' Abashubi bo mu Bunyambo no ku Nkiko y' Ukumoso imico, amamuko n' akaranga vyabo.

Banyiyezako, Anselme

UB, FLSH

https://repository.ub.edu.bi/handle/123456789/2300

*Téléchargé depuis le dépôt institutionnel officiel de l'Université du Burundi*

UNIVERSITE DU BURUNDI
FACULTE DES LETTRES ET SCIENCES HUMAINES
DEPARTEMENT DE LANGUES ET LITTERATURES AFRICAINES

# UMURYĀNGO W'ÁBASHŪBI BÓ MU BUNYĀMBO NÓ KŪ NKÎKO Y'ÚKUMOSÓ IMICÓ, AMÂMŪKO N'ÁKARĀNGA VYÂBO

**Itōhōza ryăbēreye mū ntâra ya Rutana**
**Amakómĭne ya Gítănga na Rutana**

**Par:**
**Anselme BANYIYEZAKO**

**Sous la direction de :**
**Dr. Denis BUKURU**

**Mémoire présenté et défendu publiquement en vue de l'obtention du grade de Licencié en Langues et Littératures Africaines**

**Bujumbura, Juin 2013**

**ITÛRO**

Iki gikorwá gitūwe

Abavyêyi bānje bănyeretse Uburŭndi mu kŭnshira mw'īshŭre,

Abavûkanyi bānje bămfashe mu mugôngo mu kirīngo cöse narí mu mashŭre.
Umutâmbukanyi wānje yamfáshije ndí mu mashŭre ya Káminûza,
Incutí,
Abagēnzi n'ábabânyi.

**UGUSHĪMA**

Iki gikorwá căshitse kurí iyi ntâmbwé kigézekó kubêra uruhára rutarí rutó rw'ábāntu bǐtānze bimwé vy'ákarorero.Turabashīmiye cāne.

Turashīmiye bimwé bivūyé ku mutíma umwǐgīsha Denis BUKURÚ yěmeye kuyobora iki gikorwá nó kǔmpa impanūro nzīzá zibēréye.
Turashīmiye kǎndi abǐgīsha bó mu gisatá c'îndími n'úbumenyi bwā mūntu, cānecāne abó mu gicé c'îndími n'ámayǎgwa nyāfriká, kū nyígīsho zijānyé n'úbuhǐnga bw'úbutōhōji mu bāntu bǎduhāye.
Turashīmiye abǎduhāye inkurú kugíra ngo iri tōhōza rishobóke, tútībágiye abǎduhāye amâzi yó kunywá n'ábǎtwūnguruje túnaniwe n'úrugēndo.

**Anselme BANYIYEZAKO**

## INSÍGŪRO Y'ÁMAJĀMBO Y'ÎSHÍMIKIRO

*Ibimazi* : Ivyó bămbara cānké bămbika abâna ngo bigiré ikimazi, akamaro kó kubakīngira (uduhoro, uducúmu, insǐmbi,...).

*Ibiterékērwa* : Ibitŭngwa, ibikôko cānké ibīntu, vyăgirwakó ibigererezo vy' imana mu kwemera kw'abantu b'ăho hāmbere (intāma yērá, amabuye bĭta inguru, isáto, ...)

*Intāma nyamwêro* : Intāma yērá itagirá irĭndi bára, yakórēshwa mu mihāngo y'úgutérekēra, kugíra barŏnke amahóro n'migisha mu buzima bwâbo.

*Inywĕrwa* : Inká yatôrwa mu zĭndi ikagirwa igiterékērwa. Iyo nká amatá yâyo yanyôbwa na bānyéneyó gusa, anyôwe n'ábāntu b'ínyuma ngo yacá ihúmāna, ntĭsubīre kuvyâra cānké gukámwa.

*Guhumāna:* 1) Kuryá ivyó abăndi bataryá hānyuma bikagira ingáruká mbí ku mubiri (nk'úmunwa ugashíshuka cānké umubiri ukâma ukama uruhere).

(2) *G*ukóra ibidákorwá, bitēyé isóni, bimenêsha ibānga hānyuma ugacîbwa.

*Gucá*: 1) Guhárira ivōmo umūntu yĭhāye ibára, yaménye ibānga, yakóze ibidákorwá.

2) Kubá utákivyāra kubêra ukuzé cāne, babivuga kubagré (ak : gucá imvyâro)

3) Gutéma (ak : baracîye ibiti)

4) Kurêngāne ( ak : yacĭye i Gitéga)

5) Ijoro rívūyehó (ak : bugira bucé)

*Inkubákuba* : Igitungwa, ígikôkó cânké ikintu cöse cākubíswe n'ínkubá.

*Amashikánwa:* 1) Ivyĭmburwa cānké ibitŭngwa vyăshikanirwa umwămi cānké umugánwa aho hāmbere.

2) Ivyĭmburwa, ibitŭngwa cānké amaherá abĕmera imâna batănga mw'īsēngero ry'ŭbu.

*Ibituríre*: Amûki băshikana ibwămi cānké ibugánwa.

*Ugukûra*: Ukwēgeranya igicé kimwé c'úmwĭmbu ukagitāngakó ishikánwa ibwămi cānké ibugánwa.

*Ikīza:* Ingŏrane zikoméye zādúka zikamara abāntu, ibitŭngwa cānké ibitĕrwa mu kirīngo gitó. Zishobora kuvá kūnzara, uruzûba, isegenya, urubúra, indwâra n'íbĭndi.

*Inguru:* Amabuye yībúrūngushuye, bătōra mū nzûzi akaba ibigererezo c'îmâna aho hāmbere. Inguru ngo ziragurukira mu zĭndi zikabna kugwīra, murí ico gihe băvuga kó zāvyâye.

*Ingeyo:* Urusâto rw'ágakôkó kītwá inkomo, băkana nk'ínkōfēro hānyuma bakarúterekēra, bărurekerakó umurīzo (bwăba arí ubukôkó butānu cānké buné, bakīcamwó kamwé gusa).

*Ibiyaga bíshōtsé:* Ibihwêbá bígīye ku mwônga.

| | |
|---|---|
| ***Ibihwêbá:*** | Abāntu băgēndanira kirānga mugihe agĭye kurāngūra ibānga ry'úkubāndīsha. Mugihe bakenéye uwŏsubirira kirānga, yatôrwa mu bihwêbá vyīgênza nêza. |
| ***Gututumura:*** | Gukûra ibirozi mū nzu bákorēsheje imití kāma. |
| ***Inzôso:*** | ivyătsi vyītwá urukúkūmbo băturirira mu gitíba ngo inzúki zitāhé níngoga, băvyīta kwôsa igitíba. |
| ***Abarasagisīga:*** | Igisatá c'úmuryāngo w'ábashûbi, ico gisáta căkomōtse ku mushûbi yĭyise umurasagisīga kubêra yagémye igisīga umwāmpi. |
| ***Abatāganwa:*** | Igisatá c'úmuryāngo w'ábashûbi, ico gisáta căkomōtse kumushûbi yĭyise umutānganwa kubêra yatânze abăndi gutabāra. |
| ***Insĭmbi:*** | Akûma kīgônze, băcura, kakaba ikimazi bămbika umwâna w'índwi (Nyāndwi). |
| ***Imidĕnde:*** | Ubwôko bw'íbimazi bămbika umwâna agirá umunăni, kări akûma k'úmuzĭngi băcurīsha, băkīta kăndi akayagavu. |
| ***Amazína y'ímiziha:*** | Amazína yĭtwa uhêrye ku mwâna agirá gatāndátu( ak : Kabūra, Nyāndwi, Minăni, Nyabĕnda, Búcumi, Misâgo, …) |
| ***Inzĕba:*** | Inyoni, mu giha. |
| ***Shêmbe:*** | Ahāntu hakirúrutse, haboná, umutŭmba uhanámiye ibiyāya (kw'īrābiro). |

| | |
|---|---|
| *Ibihûmé:* | Ibīntu birimwó impĕmu mbí zitumá ibīntu bímera nâbí, Ku buryó budasigûritse.(ak : nk' úmūntu akazîngama, umwônga ukûzura ugatwâra abāntu atâmvúra yagūyé). |
| *Kudīmbura amasaká:* | Kuyáshiramwó umunyota mu gihe bāyǐnitse. |
| *Umubíra:* | (1) Inzogá y'ámasaká itarâhéza gushá.<br>(2) inzogá yó kugāndūka. |
| *Igití marāndura:* | Igití c'úmukúbagwa. Ico gití gifise udushámi twǐnshi n'ámababi matômató, băgikurakó ibihēko vyó gutsírika inkubá ngo ntǐmare abāntu. |
| *Umuhashá:* | Igití kimezé nk'ikirândarânda, gifisé amababi manínimánini, kibá iruhănde y'ûmwônga, băgikūrakó umutí wó kwīna abâna. |
| *Umuhámagazi:* | Umūntu yarí ajêjwe kumenyēsha inkurú abanyágihúgu kū ntwâro ya cămi. |
| *Ukumosó:* | Intârá irí mu buseruko bw'Úburǔndi ikaba kū nkîko y'Úbuha (ihāna urubíbe n'Úbuha). |
| *Kwôgosha ingeyo:* | Gukûra urusâto kū nkomo hānyuma bakarubāmba kū nkōko kugíra ruzômeré nk'ínkōfēro. |
| *Inkomo:* | Agakôkó kó mu bwôko bw'ínkēnde, băgakūrakó urusâto rwăvamwó ingeyo.Ubwo bukôkó bugwīriye mu bibira, nkó mw'īshāmba ry'íkibira cā Búrurí, ubwŏya bwâko bufise ibára ryērá aríko ridakazé cāne. |

*Urukúbo:* Ikimazi bǎmbika Misâgo (umwâna agirál1), baragicúra, gisa n'úmurǐnga w'úmujūmbu.

*Kunêna:* Kudakorêsha igikórēsho, nk'îsáhǎni cānké umukēnke, cakorêshejwe n'umuntu yǐhāye ibára, yakóze ibidákorwá. Bavyīta kǎndi gucîra umukēnke cānké guhárira ivōmo.

*Kuzāma:* 1) Guhōka cāne, babivuga kuhāntu hacokéye.

2 ) Gusúbira inyuma, bivugwa ku mūntu ibikorwá vyîwé bitātēye imbere.

*Umubagá:* Umutóbe w'úbwā mbere, batarâshíramwó amâzi mu gihe baríko baragana ibitōke

*Gusorōza:* Guhá igicé c'ívyǐmburwa umuvúrati ngo azôvubé imvúra nzīzá itarímwo urubúra.

*Amasěnge:* Amênyo y'ínzovu.

*Masěnge:* Izína ryǐtwá umūntu afisé amênyo maníni, ayo mênyo agerérānywa n'ámasěnge y'ínzovu.

*Urutézo:* Udushíshwa tw'íbishákará vyūmyé, tugumágumye, tw'ínyuma. bǎratugônda, bagaca báharūra udutámyi. Bǎdukorēsha mugutérekēre kugíra ngo abavyêyi bakomére bamerérwe nêza. Uwuvyâye kabiri yǎmbara tubiri, uwuvyâye gatatu yǎmbara dutatu, uwuvyâye kané akāmbara tuné nyéne.

***Urutézo rw'íngabo imwé cānké zibiri:***

Urutézo rw'íngabo imwé rwăba rúgizwe n'úrutámyi rumwé rw'ígishákara, rwămbarwa n'úmugoré avyāyé rimwé; urutézo rw'íngabo zibiri na rwó rwăba rúgizwe n'întámyi zibiri z'údushákara, rwămbarwa n'úmugoré avyāyé kabiri.

***Akayagavu:*** Akûma băcura, kīgônzé, gafisé intóboro băcīshamwó akagozí, kakaba ikimazi bămbika umwâna agirá umunăni.

# INCÂMAKÉ

Iki gikórwa cērekeye umuryāngo w'Ábashûbi bó mu Bunyāmbo n'âbó kū Nkîko y'Úkumosó, imicó, amâmūko n'ákarānga vyâho ; kigizwe n'ibigabáne biné :

Ikigabáne cā mbere cērekeye akarêré k'ítōhōza n'ímiryāngo yahágerēreye. Itōhōza ryăbēreye ku mitŭmba ya Nyamabuye, Kabágo, Cūnda na Kázĕba irí murí komĭne Gitănga intârá ya Rutana, hamwé n'úmutŭmba wa Gaseri urí murí komĭne ya Rutana. Imiryāngo yahágerēreye na yó ni: Abashûbi, Abahoro, Abashīngo, Abaragáne, Abanyákaráma, Abahīnda, Ababănga, Ababĭmba, Abavúmu, Abashōma, Ababānda, Abatsĭndagire, Abarishi, Abasāmbo, Abasĭndi, Ababíbe.

Ikigabáne cā kábiri kivuga amâmūko y'Ábashûbi bó murí ako karêré, na bó bakaba bamwé bâmūka murí komĭne Ryānsoro, intârá ya Gítega, abăndi bakāmūka i Nkóma murí komĭne Mpĭnga-Kayove, intârá ya Rutana.

Ikigabáne cā gátatu cērekeye imicó n'ákarānga vy'ăbo Bashûbi. Murí ico kigabáne havugwamwó ibimazi bămbara : agahoro, urusĭmbi, urukúbo, akayugi, akayagavu n'ágacúmu. Havugwamwó kăndi ivyó băziririza. Murí vyo hari nk'îvyó batărya: intāma, inkokó, impéne hamwé n'ínyama y'ínkubákuba (icăkubiswe n'ínkubá). Ivyó batăcāna ni: umuvyîvyí, igihôndogori, umukúbagwá, umugômbé, igikĭngi c'îrêmbo hamwé n'íbitŭngwa : inká y'ágafyīri.

Ikigabáne cā káne cērekana uruhára rw'ăbo Bashûbi mu kwûbaka Uburŭndi. Murí bo dusāngamwó abahámagazi, abărwānira umugánwa n'ábărārīra i bugánwa. Hari abămi n'ábagánwa băbatonēsheje n'ábăbasabīshije, ni nk'úmwămi Mwêzi Gisābo n'ábagánwa nka Bujēnjegeri hamwé na Ntēturuye.

Mugusôzēra turasaba ubutégetsi kó bwōdufatá mu mugôngo kugíra ngo tubāndânye dútōhōza nó ku yĭndi miryāngo y'Ábarŭndi.

# IBIRÍMWO

**ITÛRO** ........ i

**UGUSHĪMA** ........ ii

**INSÍGŪRO Y'ÁMAJĀMBO Y'ÎSHÍMIKIRO** ........ iii

**INCÂMAKÉ** ........ ix

**IBIRÍMWO** ........ x

**INTÂNGAMÁRĀRÁ** ........ 1

1. Ugushikiriza ........ 1

2. Ibibázo nyamúkurú bijānyé n'ǐki gikorwá ........ 2

3. Inzira z'ítōhōza ........ 3

4. Ivyǐsūnzwe mu gutôra abatânga inkurú ........ 3

5. Intâmbwé z'ítōhōza ........ 3

5.1. Intégūro y'ítōhōza ........ 3

5.2. Itōhōza nyēzína ........ 4

5.3. Kwāndika icēgeranyo ........ 4

6. Imvo n'ímvāno y'ǐki gikorwá ........ 4

7. Akamaro k'ǐki gikorwá ........ 5

8. Inkîkūro y'ǐki gikorwá ........ 6

9. Ingōrane twǎhūye ........ 7

10. Urutōnde rw'ábǎtānze inkurú ........ 8

**IKIGABÁNE CĀ MBERE: AKARÊRÉ K'ÍTŌHŌZA N'ÍMIRYĀNGO YAHÁGERĒREYE** ........ 11

1.1. Akarêré k'ítōhōza ........ 11

1.1.1.Intârá z'ítōhōza ........ 11

a. Inkîko y'Úkumosó ........ 11

b. Ubunyāmbo ........ 12

c. Umwîhwēzo kū nkurú yatânzwe ijānyé n'întârá y'Înkîko y'Úkumosó n'îy'Úbunyāmbo ........ 13

1.1.2. Ikómǐne z'ítōhōza ........ 15

1.1.3. Imitǔmba y'ítōhōza ........ 16

1.1.4. Imisózi iboněka (mirēmire), inzûzi n'ímigezi birí mu karêré k'ítōhōza........ 19

1.1.5. Inzûzi n'ímigezi bicá mu karêré k'itōhōza........ 20

a. Inzûzi ........ 20

b. Imigezi ........ 21

1.2. Imiryāngo yahátūye n'îngéne yabânye n'ábǎndi barǔndi ........ 21

1.2.1. Ku mutǔmba wa Nyamabuye ........ 21

1.2.2. Ku mutǔmba wa Kábago ........ 22

1.2.3. Ku mutǔmba wa Cūnda ........ 22

**IKIGABÁNE CĀ KÁBIRI: AMÂMŪKO Y'ÁBASHÛBI BÓ MU BUNYĀMBO N'ÂBÓ KŪ NKÎKO Y'ÚKUMOSÓ ........ 23**

2.1. Ukó abatōhōji bavugá ku mâmūko y'ímiryāngo ........ 23

2.2. Amâmūko y'Ábashûbi bó kū Nkîko y'Úkumosó n'ícǎtumye bîmuka ........ 25

2.3. Amâmūko y'Ábashûbi bó mu Bunyāmbo n'ícǎtumye bîmuka ........ 27

2.4. Ingéne Abashûbi bó kū Nkîko y'Úkumosó n'âbó mu Bunyāmbo bǎhashitse ........ 30

2.4.1. Abashûbi bó kū Nkîko y'Úkumosó ........ 30

2.4.2. Abashûbi bó mu Bunyāmbo ........ 31

2.5. Ingéne Abashûbi bó kū Nkîko y'Úkumosó n'âbó mu Bunyāmbo bǎbānye n'íyǐndi miryāngo y'ábarǔndi ........ 32

2.5.1. Imibâno myīzá ........ 32

a. Uguhâna abageni ........ 32

b. Ukugabiranira inká ........ 33

c. Ukumariranira imǎnza ........ 33

2.5.2. Imibâno itarí myǐzá ........ 34

**IKIGABÁNE CĀ GATATU: IMICÓ N'ÍMIGĒNZO VY'ÁBASHÛBI BÓ MU BUNYĀMBO N'ÎY'ÂBÓ KŪ NKÎKO Y'ÚKUMOSÓ ..... 35**

3.1. Ibimazi hamwé n'íbiterékērwa vyâbo ..... 35

3.1.1. Ibiterékērwa ..... 35

3.1.2. Ibimazi bămbara ..... 37

3.2. Imiziro y'Ábashûbi bó mu Bunyāmbo nó kū Nkîko y'Úkumosó ..... 38

3.3. Igicápo cērékana imiziro y'Ábashûbi mū ncâmaké ..... 42

3.4. Imigírwa y'Ábashûbi bó mu Bunyāmbo nó ku Nkîko y'Úkumosó ..... 43

3.5. Imihāngo y'Ábashûbi bó kū Nkîko y'Úkumosó n'âbó mu Bunyāmbo. ..... 44

3.5.1. Imihāngo ijānye n'úgutérekēra ..... 44

3.5.2. Imihāngo ijānyé n'úkubāndwa ..... 47

3.6. Ibibănza bătīnya hamwé n'îvyó bŭbaha ..... 48

3.7. Ubumenyi n'úbuhǐnga bw'Ábashûbi bó kū Nkîko y'Úkumosó n'âbó mu Bunyāmbo ..... 49

**IKIGABÁNE CĀ KÁNE: URUHÁRA RW'ÁBASHÛBI BÓ MU NTÂRÁ Y'ÚBUNYĀMBO N'ÎNKÎKO Y'ÚKUMOSÓ MU KWÛBAKA UBURŬNDI ..... 53**

4.1. Amabānga n' ámabāngo yabêgukira ..... 53

4.2. Abăsêkúruza bó murí izo ntârá băbāye rurāngíranwa ..... 55

**UGUSÔZĒRA ..... 57**

**IBITABU VYĂFASHIJE MW'ĪTŌHŌZA ..... 60**

**INYÓNGERÁ ..... 64**

# INTÂNGAMÁRĀRÁ

## 1. Ugushikiriza

Umūntu yîtegereje abarŭndi b'ĭki gihe, agakubitiza agatíma mpêmbēro ku micó n'ímigēnzo vyărānga abarŭndi b'ăho hāmbere, yōkwĭbaza iyó dutēra túva n'îyó tujá akahábura.Wâ wūndí ati "*akĭshwe karapfă*", ikibábaje sí ukó urwāruka ruríko rwâkīra imicó ya bākávāntârá, ikibí gisūmbírije ní ukó ruríko rwâkīra iyo micó ukó ruyibōnye, rúdatāndúkānije icătsi n'úruró, rútamenyá icó rutōránye n'îcó ruhevyé. Bā sôkúru bărayamáze bati "*ak'ímuhana kāza imvúra ihise*", igihúgu kitakigira imicó n' ákarānga kiba kímeze nk' ûmûnyu watâye akanóvĕra cānké nk'îrêmbo ryūgúruye, icó arí co cōse cīnjíramwó.
Kuva ahó imicó mvâmahănga inyēngétēreye mu barŭndi, ikabányēngetēra gushika mu mitsí nó mu misokōro, ibānga rijānyé nó kugēndera akarângamútima k'ímicó n'ímigēnzo y'ábarŭndi b'ăho hāmbere ryărībagiwe.

Abajêjwe gukīngira imicó y'ígihúgu nabó nyéne bătēye báhorororokerwa. Igihúgu cōse kitagirá akarānga, kiba kímeze nk'ígishitsí bārāndúye kitakigira imizi. Ntituvuzé yûkó twōkwīyúgaranira mu gihúgu, aríko ivyŭbaka twōvyākīra, ibisâmbūra tukabíheba.

Abarŭndi bărayamáze ngo « *uwutéma urwîwé bamutīza umuhoro* » kăndi ngo « *ugaya iwâwé ukahatāha* » N'âhó bavugá kó umugabo atagēndá agirá ngo iwé niho bacūmbá bunini, impŭzu y'íntīro na yó ngo ntimará isóni! Túmaze kubóna yûkó imicó n'ákarānga vyătītūtse cāne twăhavūye twîyumvīra kugira icó dutērêreye dúhēreye kw'ītōhōza rijānyé n' ímiryāngo y'ábarŭndi arí na yó akarānga kări gáshimikiyekó.

Vyărībonekeje cāne yûkó harího n'ábāntu bakuzé batacībuka imiryāngo yâbo. Biragaragara yûkó uruvyâro rwâbo rwó ata co umūntu yōrubazá kijānyé n'ímicó n'ákarānga bifatíye ku miryāngo y'ábăsêkúru. Iragí n'ámatêka ya bāsêkúru băravyǐyambuye.

Kubêra yûkó imiryāngo arí myǐnshi bitōshoboka yûkó umūntu ayăndamira rimwé, vyăbāye ngōmbwá kó duhērá ku muryāngo umwûmwé kugira hazôgeré igihe habá icēgeranyo c'ímiryāngo yōse irí mū ntârá zitāndúkānye, hāñyuma mu gihúgu cōse. Iki gikorwá cērekeye **Umuryāngo w'Ábashûbi bó kū Nkîko y'Úkumosó n'âbó mu Bunyāmbo, imicó n'ákarānga vyâbo.** Kubêra yûkó atāwōkora igikorwá kijānyé n'ítōhōza mu bāntu mu karêré kānāká atákăzi nêzá, vyăbāye nkenérwa kumenya imbíbe z'ákarêré k'ítōhōza, amâmūko n'íbisatá vy'úmuryāngo w'Ábashûbi bó murí ako karêré, imiziro n'ímigēnzo vyăbarānze, abó băhānye abageni, iyǐndi miryāngo yahágerēreye, imigirwá n'ímihāngo vy'ăbo Bashûbi, tútībágiye amabānga n'ámabāngo yabêgukira kū ntwâro ya cămi.

## 2. Ibibázo nyamúkurú bijānyé n'ǐki gikorwá

Iki gikorwá kigizwé n'ítōhōza ku muryāngo w'Ábashûbi bó mu Bunyāmbo n'âbó kū Nkîko y'Úkumosó, kīje kwīshura ibibázo bikurííkira:

1. Inkómōko y'Ábashûbi bó mu Bunyāmbo n'âbó kū Nkîko y'Úkumosó n'îngéne băhashitse.
2. Ingéne Abashûbi bó murí izo ntârá băbānye n'íyǐndi miryāngo.
3. Imicó n'ímigēnzo irāngá abo Bashûbi.
4. Uruhára rw'ăbo Bashûbi mu kwûbaka Uburǔndi.

## 3. Inzira z'ítōhōza

Kugíra itōhōza rishobóke, ubwā mbere twăshika ku muhana w'Úmushûbi atōhôzwa cânké w'úmuryāngo băbānye bácuditse mu kirīngo kirēkire. Twăbaza ibibázo hānyuma na bó bakatwīshura. Ubwā kábiri twăba twîbāngikanije icûma gifatá amajwí kugíra inyishú twībágiye tuzôzǐyibutse. Ubwā gátatu twăkorēsheje icûma gifatá amasánǎmu kugíra ngo abăduhāye inkurú bakurúbákuru ntibázōkwǐbagirwe. Ubwā káne, twărasómye ibitabu vyāndítswe bijānyé n'ímiryāngo kugíra bitwǐbutse ubuhǐnga bw'úkwāndika, kăndi ivyó duhushâniyekó n'îvyó duhūríyekó tubiboné.

## 4. Ivyǐsūnzwe mu gutôra abatânga inkurú

1. Kubá arí umūntu wó mu muryāngo w'Ábashûbi bó mu karêré k'ítōhōza cānké uwukâzi nêza.
2. Kubá arí umūntu afitániye ubucutí n'Ábashûbi kuva kĕra kăndi azí nêzá uwo Muryāngo murí ako karêré.
3. Kubá afíse imyâka itarí mūnsí ya 30 (kuva ku myâka 30 kudûga)
4. Kubá umūntu ashobóra kwībuka ivyăbāye. (atarí inkêhabwênge cānké ashājé cāne birēnzé urugero).
5. Kubá aményēreye kwǐgāna inkurú.

## 5. Intâmbwé z'ítōhōza

### 5.1. Intégūro y'ítōhōza

Abatânga inkurú mu kubamenya twăbānje kurōndera umūntu w'**indānzi** hamwé n'**úmusígūzi,** nabó ni:

1. **Indānzi**: KANYÊDŎNZI Cassien (umukurú w'Ábashîgantăhe murí komǐne Gitănga)

2. **Umusígūzi**: NYĀNDWI Félicien (ajějwé uburimyi ku mutŭmba Nyamabuye)

### 5.2. Itōhōza nyēzína

Mpérekejwe n'índānzi hamwé n'úmusígūzi, twăcīye dúkora igikorwá c'ítōhōza nyēzina.Twătōhōza agacīmbiri ku kăndi, umutŭmba ku wŭndi, ikómĭne kuyĭndi. Kugíra ngo twīzígire kó ibitôhōjwe arí ivy'úkurí, twăbaza umūntu incúro zibiri cānké zitatu, kugíra turābé ivyăgumye bígaruka vyōfatírwakó. Twăbaza kăndi abāntu bĕnshi kugíra turābé ivyó bāhūríyekó. Twărībāngikanya uwudúfasha gufáta amajwí n'úwufáta amasánămu kugíra bizôtwōrohere mugihé có kwāndika.

### 5.3. Kwāndika icēgeranyo

Twăgira umwîhwēzo w'ívyăhūriwekó na bênshi mumihîngo itarí imwé. Twárīsūnga kăndi ivyănditswe kugíra ntidúce kubiri n'ámatégeko ajănyé n'úbuhĭnga bw'úkwāndika.

## 6. Imvo n'ímvāno y'ĭki gikorwá

Umūntu, akíbōnye umutwé w'ĭki gikorwá, yōkwĭha ibibázo ku cătumye twâriyumvīriye kucāndikako.

Kuva nkíri umwâna, nagúma nûmva bávuga imiryāngo, bakabázānya umuryāngo umwé wĕse arímwo, mberé abavyêyi bátarí baké bărīgānira abâna bâbo umuryāngo barímwo n'íbijânye na wó. Imvo nyamúkurú zătumye nîyumvīra kwāndika ku miryāngo ni izi zikuríkira:

1. Imvo yā mbere, ni ukó umuvyêyi wānje arí we māwé, yabúze abavyêyi bŏse akíri mutó cāne (uruyoyá) akarerwa mu Bashûbi-Batānganwa, ntihágire n'ŭmwe wó mu muryāngo wîwé aboná.

Umuryāngo yagîye kwŭbakamwó, arí wo muryāngo wa Dâwé, na wó nyéne, mu bāntu bā kêra, uwarí asígaye akuzé yarí Dāwé aríko na wé nyéne yarîtavye Imâna kăndi yarí yábuze abavyêyi akíri uruyoyá, na wé nyéne ngo nta co bămuyāgiye ku muryāngo wa sé w'Ábahânza. Twăshātse kumenya nêza ukó abăreze māwé bări bîtūngānije.

2. Imvo ya kábiri, ní ukó ubu abavyêyi batakiyāgira abâna bâbo ibijânye n'ímiryāngo bavŭkamwó ku mugórōba. Abanyêshŭre bó mu mashŭre y'întângo basigaye bátāhana ibikorwá bakoréra i muhirá babá bâtumwé n'ábĭgīsha bâbo, bigatuma atâ kănya barōnká kó kugânīra n'ábavyêyi bâbo ibijânye n'ímiryāngo. Eka n'ábavyêyi baguma bîtwārarika ivy'úbuzima bigatuma akănya kábura.
Abanyêshŭre bó mu mashŭre y'îndâro na bó nyéne bari kure y'ábavyêyi bâbo; abó mu mashŭre atagirá indâro na bó bashika bátegūra utubázo bazôkóra búkēye kw'īshŭre, bigatuma atâ kiyāgo c'ábavyêyi n'âbâna gishobóka; twĕse turâzi kó uburuhūko arí butó kăndi kó ako kĭmenyēre k'ábavyêyi n'âbâna kó kutávugána ivy'ímiryāngo katabuzé mu barŭndi.

3. Imvo ya gátatu, abarôngōye intwâro ntíbarâgira urutŏnde rutōmôye rwó kwîgīsha imicó, akarānga n'ímigēnzo vyărānga imiryāngo y'ábarŭndi b'ăho hāmbere ufáshe intârá kū ntârá.

4. Imvo ya káne, n'âhó hōbá háriho abatōhōji bamazé kwîga ibijânye n'ŭwo muryāngo, ntā n'ŭmwé arâtōhōza murí aka karêré, kăndi ku bijânye n'ĭki cĭgwa twăgize ku Muryāngo w'Ábashûbi.

7. **Akamaro k'ĭki gikorwá**

1. Iki gikorwá kizōmenyēsha abató n'ábakúze akamaro kó kumenya ibijânye n'ímiryāngo yâbo, imicó n'ímigēnzo vyăyirānga kugíra bazôbimenyêshe na bó abâna bâbo murí kazôza.

2. Ku batōhōji, bazōrōnka ahó bahērá mu kūnyungānira cânké mu guhínyānyura ibizôba bífise amakemwá.

3. Ku gihúgu, abazôsóma iki gitabu, bazōrōnka ivyó bōfatírakó mu gufáta ingīngo nshăsha zijānyé n'úgukīngira akarānga k'Úburŭndi.

4. Ku muryāngo w'Ábashûbi, cānecāne abó murí ako karêré, urwāruka murí kazôzá bizōrwōrohera kumenya ukó bāsêkúru na bā sêkúruza bări bîfashe mu micó n'ímigēnzo yâbo, bahezé na bó babimenyêshe abŭzukuru n'ábŭzukuruza bâbo.

## 8. Inkîkūro y'ĭki gikorwá

Kubêra akarêré k'ítōhōza arí kaníni cāne, twătōhōje ku gicé gitôyi c'întâra y'Úbunyāmbo n'Înkîko y'Úkumosó. Iki gikorwá rērό kigizwe n'íngīngo zikwiríkira:

a) Akarêré k'ítōhōza: Ubunyāmbo n'Înkîko y'Úkumosó.

b) Amatêka y'Ábashûbi bó mu karêré k'ítōhōza hamwé n'ákăhise kâbo:

  * Ingéne băhashitse n'ícătumye bîmuka;

  * Ingéne băbānye n'ábăndi barŭndi.

c) Imicó n'ímigēnzo vyărānze abo Bashûbi: (Ibimazi bămbara, imiziro, imigirwá, imihāngo, ibibănza bŭbaha n'îvyó bătīnya, ubumenyi bări báfise hamwé n'úbuhĭnga bwâbo)

d) Uruhára rw'ăbo Bashûbi mu kwŭbaka Uburŭndi (Amabānga n'ámabāngo yabêgukira hamwé n'îcó abo bashûbi bīpfûza)

## 9. Ingŏrane twăhūye

Murí iki gikorwá twăragíze ingŏrane nyĭnshi aríko nkurûnkurú ziri kubiri:

**Umurwi wā mbere**: ingŏrane zijānyé n'úbutōhōji mu bāntu:

1. inkurú yarânka kubívuga ngo yōhava yûmva twâbivúze, hānyuma akamenyēkana nâbí mu kibâno. Vyăba ngōmbwá kó tubazá ababânyi bâbo. Aha twōvuga KIGWĬNYA yănse kutúbwīra ingéne yatérekēra isáto Amabānga y'ábătānga inkurú: Iyó hagezé ibibázo bikoméye, uwutânga n'îngéne yavúba imvúra. Eka na BIRANYÚRANA yarânse kŭnyereka ingeyo. Abāntu bamwêbamwé bărānka kutúbwīra imiryāngo yâbo tukayibaza abăndi. Umwônga wītwá KAZÂMÁ, mw'īsūmo, vyăratungôye ingéne dufatá amajwí n'ámasánămu mu gihe băba bárikó barasaba, bîyuhagira bári gusa.

2. Gutōhōza imiryāngo: Hari abó twăsānga bátĭtāyehó kumenya imiryāngo yâbo.

3. Abătānga inkurú bămenyereye guhâbwa amaherá: Kubêra aho hāntu hăcīye abatōhōji bó mu mashírahámwe mpūzamakūngu nka FAO, GIZ, ADRA, băgēnda bátānze amaherá, vyăratugôra cāne kurōnka inkurú mu gihe twăsigūra yûkó ivyó turōndéra bidasá n'ívy'ăyo mashírahámwe. Băvuga ngo turikó turabácīsha amaherá. Harihó n'ábăduha inkurú zitarí zó kukó tutabasórōreye, abó dusorôreye na bó nyéne băragíra ikiryōha, bagahava bárēnza urugero mu kuvúga n'íbitári vyó kukó twăsānga bátāhūje n'ábăndi.

**Umurwi wa kábiri** : Ingŏrane zijānyé n'úkwāndika :

1) Hari amajāmbo ajānyé n'úbuhĭnga bwó kwāndika yagôrana guhīndura mu rurími rw'íkirŭndi avá mu rurími rw'ígifarănsa kukó yacá atá akanóvērá.

## 10. Urutŏnde rw'ábătānze inkurú

| Amazína | Imyâka | Umuryāngo | Umutŭmba | |
|---|---|---|---|---|
| 1. BIRAKAZE Agricole | 87(1924) | Umushûbi-Murasagīsiga | Nyamabuye | Shômbe |
| 2. BIRANYURANA | 90(1921) | Umûshubi-Mutānganwa | Nyamabuye | Nyamabuye |
| 3. NYABENDA Léonidas | 85(1926) | Umushûbi-Mutānganwa | Kabágo | Kabágo |
| 4. KIRAHAGAWZE | 65(1946) | Umushûbi-Mutānganwa | Kabágo | Mwākiro |
| 5. KIGWINYA | 92(1919) | Umushûbi-Mutānganwa | bágo | Kabágo |
| 6. KANYEDONZI Cassien | 68(1943) | Umujîji | Nyamabuye | Nyamabuye |
| 7.NTIBASHIRAKANDI MICHEL | 53(1958) | Umuhoro | Nyamabuye | Shêmbe |
| 8.BARUMBANZE André | 60(1951) | Umushûbi-Mutānganwa | Cūnda | Cūnda |
| 9.NDIHOKUBWAYO Adrien | 35(1976) | Umushûbi-Mutānganwa | Cūnda | Cūnda |
| 10.BINDARIYE Lazare | 95(1916) | Umushûbi | Nyamabuye | Shêmbe |
| 11. VYITIZO Raphaël | 57(1954) | Umushûbi-Murasagisīga | Nyamabuye | Shêmbe |
| 12.MPITARUSUMA Vénérand | 65(1946) | Umuhoro | Nyamabuye | Shêmbe |
| 13.MINANI Josias | 63(1948) | Umushûbi-Mutānganwa | Kabágo | Kabágo |
| 14.NITEREKA Frédéric | 63(1948) | Umushûbi | Nyamabuye | Shêmbe |
| 15.BUCUMI Jérôme | 56(1955) | Umushûbi | Nyamabuye | Shêmbe |
| 16.BUTOYIFabien | 56(1955) | Umushûbi-Murasagisīga | Nyamabuye | Shêmbe |
| 18.NDABASHINZE Antoine | 64(1947) | Umushûbi-Mutānganwa | Cūnda | Cūnda |

| | | | | |
|---|---|---|---|---|
| 20.NYANDWI | (541957) | Umushûbi-Mutānganwa | Cūnda | Cūnda |
| 21. NDIHOKUBWAYO Générose | (431968) | Umuhoro | Nyamabuye | Shêmbe |
| 22.NDUWIMANA Grégonie | 52(1959) | Umushûbi | Cūnda | Kabágo |
| 23.KABURA Daphrose | 60(1951) | Umushûbi | Cūnda | Cūnda |
| 24. CIZÁ Gilbert | 35(1976) | Umujîji | Gaseri | Gaseri |
| 25.GENZABUKE Grégoire | 78(1933) | Umujîji | Nyamabuye | Shêmbe |
| 26.NDIKUMWAMI Paul | 6o(1951) | Umushûbi | Kazěba | Kazěba |
| 27.NTEZIRIBA Barthélemy | 51(1960) | Umushûbi | Gaseri | Gaseri |
| 28.NZEYIMANA Rose | 48(1963) | Umushûbi-Mutānganwa | Kabágo | Kabágo |
| 29.NGENDABANKA | 52(1959) | Umushûbi-Mutānganwa | Kabágo | Kabágo |
| 30.GAKOBWA | 40(1971) | Umushûbi-Mutānganwa | Kabágo | Kabágo |
| 31.BUKURU Annonciate | 53(1958) | Úmuhoro | Nyamabuye | Shêmbe |
| 32.BARAGOMWA Anastasie | 51(1960) | Umushīngo | Nyamabuye | Shêmbe |
| 34.NDAYIRAGIJE Marc | 28(1983) | Umushûbi-Murasagisīga | Nyamabuye | Shêmbe |
| 35. NDAYIMIRIJE | 54(1957) | Umushûbi-Mutānganwa | Kazěba | Kazěba |
| 36.NIYONSABA Dorothée | 51(1960) | Umushûbi-Mutānganwa | Kazěba | Kazěba |
| 37.NSANZERUGEZE | 58(1953) | Umushûbi-Mutānganwa | Kazěba | Kazěba |
| 38.NIBONA Angéline | 49(1962) | Umuhoro | Kazěba | Kazěba |
| 39.NIMENYA Consolate | 46(1965) | Umurǎzi | Kazěba | Kazěba |

| | | | | |
|---|---|---|---|---|
| 40.MISAGO Salvator | 56(1955) | Umushûbi-Mutānganwa | Kazĕba | Kazĕba |
| 41.AHIMANA Marie | 6o(1961) | Umubǐmba | Kazĕba | Kazĕba |
| 42.NIMUBONA Goreth | 52(1959) | Umujîji | Gaseri | Gaseri |
| 43.NDABATINYA Stanislas | 58(1953) | Umushûbi-Mutānganwa | Gaseri | Gaseri |
| 44.NDAYUBAHA Côme | 56(1955) | Umushûbi-Mutānganwa | Gaseri | Gaseri |
| 45.BIKORIMANA Joseph | 54(1957) | Umushûbi-Mutānganwa | Gaseri | Gaseri |
| 46.BUCUMI Lazare | 52(1959) | Umushûbi-Mutānganwa | Gaseri | Gaseri |
| 47.NDAYIKUNDA Léocadie | 50(1961) | Umushīngo | Gaseri | Gaseri |
| 48NDAYIZEYE Volive | 49(1962) | Umubǐmba | Gaseri | Gaseri |
| 49.BIZOZA | 50(1961) | Umushûbi-Mutānganwa | Gaseri | Gaseri |
| 50.MUNEZERO Philothée | 43(1968) | Umuragáne | Gaseri | Gaseri |
| 51.BARIGENERA Anésie | 71(1940) | Umubǐmba | Nyamabuye | Shĕmbe |

op.cit: Kērekana yûkó uwo mwānditsi yari yâvúzwe mu vyătānguye, ku rupapuro kānāká.

p. 51-58: vyērekana kó arí kuva ku rupapuro rwā 51 gushika kurí 58

M.N: Menya nêzá

+: Kērekana umugoré, mu bití ndôndamvyâro

# IKIGABÁNE CĀ MBERE:

# AKARÊRÉ K'ÍTŌHŌZA N'ÍMIRYĀNGO YAHÁGERĒREYE

## 1.1. Akarêré k'ítōhōza

Intârá ya Rutana ní imwé mū ntârá 17 zigizé igihúgu c' Úburăndi. Iyo ntârá itūmbereye mu karêré k'úbuseruko. Ihāna urubíbe n'întârá ya Rúyigí mu burârūko, mu burêngero hari intârá ya Gítega n'ígicé c'întârá ya Búrurí, mu bumanuko na hó hari intârá ya Mákāmba, mu buseruko hakaba igihúgu c'Úbuha (Tānzaniyá y'ŭbu). Itōhōza ryăbēreye mu makómīne abiri y'īyo ntârá: Gitănga na Rutana. Imitūmba y'ítōhōza ní: Nyamabuye, Kabágo, Cūnda na Kázĕba yó murí Gitănga hamwé n'úmutŭmba wa Gaseri wó murí komīne ya Rutana nk'ûkó bibonéka kw'īkáratá irí mū nyóngerá ijānyé n'ámakárata.

### 1.1.1.Intârá z'ítōhōza

#### a. Inkîko y'Úkumosó

Umūntu yōkwībaza **Inkîko y'Úkumosó** ahó yacá n'ábătwāra aho hāntu. KANYÊDŎNZI Cassien wó mu muryāngo w'Ábajîji, yabânye n'Ábashûbi igihe kiníni, avuga ati:

> *« intârá ya kúmosó, kubêra yûkó hēgéreye urubíbe rwā Tānzaniya n'Úburŭndi, hakagaburwa n'ûrûzi Maragarāzi, kĕra hĭtwa kū* ***Nkîko y'Úkumosó,*** *hăhīndutse hámaze kugerērwa mu 1957-1958».*[1]

Īyo nsígūro yaráhūriwekō kăndi na BIRANYÚRANA, Umûshubi-mutānganwa wó ku mutŭmba Nyamabuye mu gacīmbiri kā Nyamabuye nyéne.

---

[1] KANYÊNDŎNZI Cassien, umutŭmba Nyamabuye, agacīmbiri Nyamabuye, 30/7/2011.

Nayó ku bijânye n'âho imbibe z'**Înkîko** y'**Úkumosó** zăca, mu băduhāye inkurú, abĕnshi bătubwīye yûkó **Inkîko y'Úkumosó** yarí ifíse imbíbe zikwiríkira: mu bumanuko bushīrá uburêngero, urubíbe rw'Înkîko ngo rwămanukana umugezi wa Mugonera gushika ku rûzí Musasa. Mu burârūko bushīrá uburêngero ngo urubíbe rwămanukana urûzi Musasa gushika ahó rwīsúka mu rûzi Muyovōzi, nayó mu buseruko, urubíbe ngo rwămanukana urûzi Muyovōzi gushika ahó rwīsúka mu rûzi runíni Muragarāzi (arí rwo Maragarāzi rw'ŭbu). Iyo nsígūro yahûriwekó na BIRANYÚRANA, KANYÊDŎNZI hamwé na NTÍBASHIRÁKĂNDI [2]. NYABĔNDA Léonidas, Umushûbi Mutānganwa, wó ku mutămba wa Kábago, agacīmbiri Kabágo, avuga kó **Inkîko y'Úkumosó** yahâna urubíbe n'întârá zikuríkira:

mu burârūko nó mu burêngero bw'Înkîko ngo hări Ubunyāmbo, mu burârūko bushīrá ubuseruko ngo hări intârá ya Nkóma; nayó mu buseruko ngo hări Ubuha aríyo TĀnzaniyá y'ŭbu. Ku vyĕrekeye abatwăre băhāna imbíbe n'**Înkîko** y'**Úkumosó**, KIRAHÁGAZWE [3], Umushûbi Mutānganwa, abá ku mutŭmba Cūnda, agacīmbiri Cūnda, avuga kó intârá y'**Înkîko** y'**Úkumosó** yatwârwa n'úmugánwa Kigoma, agahāna urubíbe n'úmugánwa BUJĒNJEGERI mu burârūko nó mu burêngero; mu burârūko nó mu bumanuko agahāna urubíbe n'úmugánwa NDĒNZAKÓ; mu bumanuko na hó agahāna urubíbe n'ábatwăre b'Úbuha ku mwămi MWĀMBUTSA BĀNGĪRICÊNGE.

**b. Ubunyāmbo**

Ku bijânye n'îmbíbe z'Înkîko, BĬNDĀRIYE Lazare[4], mwĕne NTÂBĂNGANA wa KAGOMA kā NTÁHĪNDWÁ, wó ku mutŭmba wa Nyamabuye, agacīmbiri SHÊMBE, avuga yûkó imitŭmba ya Kábago na Marāmvya yatwârwa n'úmugánwa BUJĒNJEGERI, umutwăre wîwé yarí SĪZIMWÉ.

[2] Ntibashirákăndi Micel, umutŭmba a Nyamabuye, agacimbbiri Shembe, afisé imyâka 53, 21/7/2011
[3] Kirahágazwe, umutŭmba Cūnda, agacimbiri Cūnda, afisé imyâka65, 10/11/2o11
[4] Bĭndāriye Lazare, umutŭmba Nyamabuye, Agacimbiri Shembe, afisé imyâka 95, 30/11/2011

**Ubunyāmbo** ngo bwĭswe iryo zína kubêra inká z'ínyāmbo zări zíhagwīriye. Avuga kó urubíbe rw'Úbunyāmbo rwămanukana umugezi wa Mugonera, rukadūga murí Rutovu, ngo n'ĭrya Sêntáre ya Rutovu băyīta muzēnga wa Bunyāmbo. Avuga yûkó BUJĒNJEGERI yatwâra Rutovu yŏse na Gitănga yŏse. Mu bumanuko ngo urubíbe rwăca ku mutŭmba wa Nyŏnzo, rukamanukana urûzi Mutsĭndōzi, rukadūgira ku mutŭmba wa Kīnzānza; mu buseruko, agahāna urubíbe na KIGOMA, mu burârūko yahâna urubíbe n'úmugánwa NDĒNZAKÓ yatwâra intârá ya Nkóma.

**c. Umwîhwēzo kū nkurú yatânzwe ijānyé n'întârá y'Înkîko y'Úkumosó n'îy'Úbunyāmbo**

Twîhwēje insígūro zătānzwe, hâba kū mbíbe z'Ú**bunyāmbo hamwé** n'**Înkîko** y'**Úkumosó**, hâba ku batwăre băhatwāye, dusānga abătānze inkurú bâgerageza kuvúga ivyó bagezá kó kwībuka.Twîsūnze izo nsígūro, tukarāba n'îkáratá yó mu 1945, yăbūwe mu gitabu cā GAHAMA Joseph, urupapuro rwā 108 (1983:108), twăsānze bímeze uku gukwiríkira: Intârá y'**Înkîko** y'**Úkumosó (Mosó sud)** ifise insígūro ijănyé n'îngéne hamezé. Hĭswe kū **Nkîko** y'**Úkumosó** kukó hăhāna urubíbe n'ûrûzi Muragarāzi rugabúra Uburŭndi n'ígihúgu c'Úbuha arí yo Tānzaniyá y'ŭbu. Ukumosó na kwó gusigūra ibubămfu urí hagatí mu gihúgu utêra uvá mu burârūko.

**a. Imbíbe** z' **ÎNkîko** y'**Úkumosó**

Mu bumanuko bushĭra uburângero nó mu burângero nyéne, Inkîko y'**Úkumosó** yahâna urubíbe n'**Úbunyāmbo** bwătwārwa n'úmugánwa BUJĒNJEGERI. Mu burârūko hări intâráya Moso-Nord, hătwārwa n'Úmugánwa RUKERÉ. Mu buseruko hakaba hâri Ubuha (Tānzaniyáy'ŭbu). Mu burêngero hari intâráya Nkóma yatwârwa n'úmugánwa NDĒNZAKÓ.

Mu bumanuko nahó hakaba Uburagáne bwătwārwa na HUGANO (ikárata y'Înkîko y'Úkumosó: rāba inyóngera)

**b. Imbíbe z'Úbunyāmbo**

Ubunyāmbo : iyo ntâráyĭswe uko kubâra inkányĭnshi z'ínyāmbo zărihó..Hătwārwa n'úmugánwa BUJĒNJEGERI. Mu buseruko bushĭra uburârūko, BUJĒNJEGERI yahâna urubíbe n'úmugánwa KIGOMA yatwâra **Inkîko** y'**Úkumosó**. Mu burêngero yahâna urubíbe n'ábagánwa : NZŌRUBARA na KARABÔNA, bătwāra: Urunyínya n'Úmurāmba. Mu burârūko nahó agahāna urubíbe n'úmugánwa NDĒNZAKÓ yatwâra Nkomá. Mu bumanuko bushĭra uburêngero hări intârá y'Úbutūtsi yatwârwa na NDARISHIKIJE, mu buseruko bushĭrá ubumanuko hări intârá y'Úburagáne-Bukurira, yatwârwa n'úmugánwa HUGANO.

Intârá y'Înkîko y'Úkumosó yatwâwe n'ábagánwa batatu: uwā mbere yĭtwa NDĀYI (kurí MUTÂGA MBĪKIJE, uwa kábiri yĭtwa KŌBAKÓ (kurí MUTÂGA MBĪKIJE), uwa gátatu ní we yarí KIGOMA (kurí MWĀMBUTSA BĀNGĪRICÊNGE). Intârá y'ÚBunyāmbo na yó yatwâwe n'ábagánwa batatu nyéne. Uwā mbere yĭtwa BIGANA (kurí MUTÂGA MBĪKIJE, uwa kábiri yĭtwá KANYÁMUGĂMBA (umuhŭngu wa BIGANA, yatwâye iyĭnga rimwé gusa ku mwămi MWĀMBUTSA BĀNGĪRICÊNGE).
Uwa gátatu yĭtwá BUJĒNJEGERI (yatwâye kurí MWĀMBUTSA BĀNGĪRICÊNGE). Abatwăre bā BUJĒNJEGERI bări: NDĀYE, NYURAKÓ na SÎZIMWÉ. Umutwăre yībúkwa wa KIGOMA yarí VYŪNGA.

### 1.1.2. Ikómĭne z'ítōhōza

#### a. Gitănga

Iyo kómĭne iri mu ntârá ya Rutana, ikaba mu bumanuko bushĭrá uburêngero bw'ĭyo ntârá. Komĭne Gitănga ihāna imbíbe n'ámakómĭne akurikira: Mu bumanuko bushĭrá ubuseruko hări kómĭne Kayogoro yó mū ntârá ya Mákāmba, mu burêngero hări komĭne Rutovu yó mū ntârá ya Búrurí, mu buseruko hări komĭne Bukēmba, mu burârūko hakaba komĭne Rutana. Abāntu twătōhōjekó bavuga yûkó iyo kómĭne yĭtiriwe umutŭmba umwé wītwá Gitănga urí mu burârūko bw'ĭyo kómĭne. Uwo mutŭmba na wó mu bumanuko bwâwo hări agatănga k'âmâzi, (ahāntu hategá amâzi), nihó hĭtīriwe uwo musózi. Ikómĭne ubu iri ku mutŭmba wa Kázĕba kubêra hôhó hări hákirurutse gusūmba mu Gitănga, kăndi atā mâzi yahátega, aríko kubêra abazŭngu bătēye igitârá c'íbití aho mu Gitănga, ikómĭne yöse yagúmye yîtīrirwa aho hāntu mu Gitănga. Mū nsígūro KIGWĬNYA mwĕne RUSŪMO rwā MPŌNDA wa MURYĀMA, abáku mutŭmba wa Kábago yatânze ijānyé n'úmutŭmba wa Kázĕba, avuga yûkó arí ukubêra hări inzĕba nyĭnshi. Agira ati:

> « *Icătumye bûbaka amazu ya kómĭne i Kazĕba ní ukó arí*
> *ahāntu hakirúrutse, haboná, ubŭndii bwó hĭtwa Kazĕba*
> *kubêra hări inzĕba (inyoni) nyĭnshi zōná amasaká*[5] ».

BIRANYÚRANA nawé nyéne yaráshigikiye ico cîyumvīro, agira ati :

> « *mu Gitănga ní ahāntu hacokéye, hakūndá gutéga amâzi*[6] ».

M.N: Ikómĭne ya Gítănga yó mū ntâráya Rutana iratândukānye na Gítănga yó murí komĭne Ryānsoro intârá ya Gítega.

---

[5]KIGWĬNYA: umutŭmba Kabágo, agacīmbiri Kabágo,afisé imyâka92, 19/2/2011.

[6] BIRANYÚRANA: Umutŭmba NYAMABUYE, Agacīmbiri NYAMABUYE,afisé imyâka90, 23/1/2011.

**b. Rutana**

kómǐne ya Rutana ihāna urubíbe na kómǐne ya Bukēmba mu buseruko, na kómǐne ya Gíharo mu buseruko bushǐrá uburârūko, na kómǐne Mpǐnga- Kayove mu burârūko, na Musōngati mu burârūko bushǐrá uburêngero, na Komǐne Burazá(irí mū ntârá ya Gítega) mu burêngero, hamwé na Kómǐne Gitǎnga mu bumanuko.

**1.1.3. Imitǔmba y'ítōhōza**

Murí iki gikorwá twǎgize, amatōhōza mĕnshi yakórewe kumitǔmba itānu yó mu makómǐne ya Gítǎnga na Rutana. Iyo mitǔmba nayó ní : Nyamabuye, Kabágo, Cūnda, Kazĕba na Gaseri arí nayó twǎbānje kurōnderera insígūro y'îyó amazína yâyo yavûye.

**a. Nyamabuye**

Amatōhōza twǎkoze kū nsígūro z'ímitǔmba y'ítōhōza, yarêrekanye kó abĕnshi mu bǎduhāye inkurú, bǎhūriye kū sígūro zikuríkira:

Umutǔmba wa Nyamabuye uri mubuseruko bushǐra ubumanuko bw'îkómǐne ya Gítǎnga. Mu buseruko bwâwo hari Rurānga (umutǔmba wó murí komǐne Bukēmba), mu bumanuko uhāna urubíbe na kómǐne Kayogoro, mu burêngero hari umutǔmba wa Kīnzānza, mu burârūko nahó ugahāna urubíbe n'ímitǔmba yó murí komǐne Bukēmba aríyo Busǎnzu na Muyōmbwe.

Uwo mutǔmba wīswé gútyo bívūye ku mwônga uhacá wītwá Nyamabuye urímwo amabuye mĕnshi kǎndi kó kū nkōmbe zâwo hǎri ibití vyǐnshi vy'ûbwôko bw'íminyamabuye. VYÎTĪZO Raphaël Mmushûbi Murasagisīga, GĒNZABUKÉ Grégoire Umujîji hamwé na BÚCUMI Jérome Umushûbi, bǎrashígikiye iyo nkurú.

VYÎTĪZO Raphaël, Umushûbi Murasagisīga, mwĕne BIRAKÁZE Agricole wa MARĀNGO wa GÁSĀGO kā SERAMA wa NKÚBĂRA wa KÁBUGÉRE kā MUHŌZI, avuga ati:

> *« Igitúma uyu mutŭmba wîtwa Nyamabuye, băfatiye ku mwônga Nyamabuye warímwo amabuye mĕnshi. Aha i Nyamabuye hări kăndi ibití vyĭnshi vy'ímiNyamabuye bitŏnzé kū nkōmbe z'ûmwônga Nyamabuye, arí nahó iryo zína ryŏbá ryârakómōtse. Hătānguye kwĭtwa Nyamabuye mu myâka ya 1957-1958, imbere yăho hĭtwa i Mukúzi hadakurá inká n'íbibōndo, hahīnduye izína abāntu bábōnye yûkó bishobóka kó bahabá. I Mukúzi hări hanini cāne, hări hágizwe n'ímitŭmba y'ŭbu ya: Nyamabuye, Busănzu, Muyōmbwe na Múkuyo».*[7]

**b. Kabágo**

Umutŭmba wa Kabágo uherēreye mu bumanuko bwā kómĭne Gitānga. Uhāna imbíbe n'ímitŭmba ikuríkira:

Mu buseruko hari umutŭmba wa Kīnzānza, mu burârūko hakaba umutŭmba wa Marāmvya, mu bumanuko hari umutŭmba wa Rúkobe, mu burêngero nahó hakaba umutŭmba wa Cūnda, mu burêngero bushĭra ubumanuko hari umutŭmba wa Kábānga.

Umutŭmba wa Kábago rēró, izína ryâwo ryăvūye ku mwônga wĭtwá Kabágo ucá murí uwo mutŭmba. Iyo nkurú yahûriwekó na KÍGWĬNYA wó ku mutŭmba wa kábago, NYABĔNDA Léonidas w'í Kabágo, hamwé na KABŪRA Daphrose wó ku mutŭmba wa Cūnda.

---

[7] VYÎTĪZO Raphaël, Umutŭmba NYAMABUYE, agacīmbirí Shêmbe, 9/7/2011.

NYABĚNDA Léonidas, Umushûbi-Mutānganwa, mwěne BARĀMPAMA wa BÁGĒNDA bā MBŪNGIRA, wó ku mu tŭmba wa Kábago, agira ati:

*«Kabágo ni umwônga ucá ng'ăha murí uyu mutŭmba,*
*kăndi waciye wîtīrirwa umutŭmba wo□se[8].»*

**c. Cūnda**

Umutŭmba wa Cūnda uri mu burêngero bw'úmutûmba wa Kabágo, mu buseruko hari umutŭmba wa Marāmvya. Mu burârūko bushĭra uburêngero hari umutŭmba wa Nyakuguma; Mu burêngero hari umutŭmba wa Gísěnyi, mu burârūko hari umusózi wa Dúri.

Kū nsígūro, abăduhāye inkurú băgēnda báhūrirakó, Cūnda ryăvūye ku rûzi rwĭtwá Cūnda ruhacá, rugēndá rurazibukīra imisózi iruhanámiye. Ntāwatânze insígūro itāndúkānye n'ĭyi. BARŬMBĀNZE André agira ati:

*"izína ryā Cūnda ryăvūye ku rûzi rucá hagati murí uyo mutŭmba gwĭtwá Cūnda. Sogókuru yambáriye yûkó urwo rûzi rwōbá rwîswé iryo zína kubêra rurí hagatí y'ímisózi ibiri Durí na Kábago, rugěnda ruracūnda rúca mūntângo zâyo.[9]».*

***d.* Kazěba**

Amatōhōza twăkoze ajănye n'însígūro z'ímitŭmba y'ítōhōza yěrekanye yûkó iryo zína ryăvūye kū nzěba (inyoni mū mvúgo y'ígiha) zĭgeze kubá nyĭnshi zikamara imirimá.

[8] NYABĚNDA Léonidas (batazira MASENGE), umutŭmba KABAGO, agacimbiri Kabago, 30/1/2011
[9] BARŬMBĀNZE André, umutŭmba Cūnda, agacimbiri Cūnda, 19/4/2011.

NDIKUMWĂMI Paul, Umushûbi wó ku mutŭmba wa KÁZĔBA, mwĕne BASHĪNGWA wa BÍDEGEYE Agira ati:

> *«Dātá BASHĪNGWA yatúbwīye yûkó hákiri amashāmba, ngo ntāwĭmbura ibiharage, amasaká eka n' úbwīshaza kubêra* ***inzĕba*** *zări nyĭnshi kăndi zŏna cāne ivyo bitĕrwa, arí nahó hăvūye izina ryā* ***Kázĕba****»*[10]

**e. Gaseri**

Umutŭmba wa Gaseri, uri murí komĭne ya Rutana, ugahāna urubíbe na kómĭne Gitănga. Ku bāntu twăbajije ibijânye n'însígūro y'ŭwo mutŭmba, ntā n'ŭmwé yashóboye kutúbwīra icó Gaseri risigûra n'îcó ryōbá ryâravûyekó.
Yába NTEZIRIBÁ Barthélemy, Umushûbi wó ku mutŭmba Gaseri, mwĕne NYĀNDWI wa NDABÁTĪNYA, yába Cīzá Gilbert umujîji wó kurí uwó mutŭmba nyéne, ntāwatânze insígūro yâwo.

*Murí maké*, Imitŭmba yo□se twăgizekó itōhōza ukó arí itānu yĭtiriwe amazína y'ínyoni, ay'íbití, ay'îmyônga cānké ay'înzûzi, kíretse umutŭmba wa GASERI utăshoboye kurōnka insígūro.
Ak: Nyamabuye (umwônga), Kazĕba (inyoni), Kabágo (umwônga), Cūnda (urûzi); cānké ku bwôko bw'íbití vyări kū nkōmbe (iminyamabuye),...

### 1.1.4. Imisózi ibonéka (mirēmire), inzûzi n'ímigezi birí mu karêré k'ítōhōza

Murí iki gikorwá ntítwĭbagiye imisózi mirēmire, inzûzi n'ímigezi irí mw'īkómĭne ya Gítănga arí nayó itōhōza rinini ryăbēreyemwó. Iyo misozi, inzûzi cānké imigezi, twăyīyumviriye kugíra iyo ntârá y'ítōhōza imenyêkane gusūmba, na cānecâne mu kirīngo cā nôné.

---

[10] NDIKUMWĀMI Paul, umutŭmba Kazĕba, agacīmbiri Kazĕba, 12/6/2011

Mw'ītōhōza twǎkoze hari imisózi ya Nyōnzo mu bumanuko,Yabá, Nyagisāmbwe, Nyakuguma, Kabǎnga na Kábago mu bumanuko bushīrá uburêngero, Cînkwí mu burêngero. Harihó abǎduha inkurú, bikabóneka nêzá kó imisózi yǎho hāntu bayǐzi, hakaba n'ábǎndi bītíranya udutǔmba dutôdutó n'ímisózi, aríko abo bǎbāye baké. Mu bǎtānze inkurú bibonéka kó bahǎzi ní nka: KABŪRA Daphrose, MINǍNI Josias, NTIBASHIRÁKǍNDI Michel, KANYÊDŎNZI Cassien na NYÁBĚNDA Léonidas (MASĚNGE).

### 1.1.5. Inzûzi n'ímigezi bicá mu karêré k'itōhōza

Mū ntârá **y'Înkǐko** y'**Úkumosó** n'**Úbunyāmbo** twǎgizemwó itōhōza, abǎduhāye inkurú bǎratubáriye inzûzi n'ímigezi bicá murí ako karêré, aríko twîsūnze cānecâne inzûzi n'ímigezi vyǎgize ingáruka ku Bashûbi nó ku yǐndi miryāngo y'ábarǔndi yahátūye, zâba nzǐza cānké mbí. Túmaze kubáza abāntu twǎgizekó amatōhōza, twǎrōngeye turîshikira ahó izo nzûzi n'ǐyo migezi birí.

### a. Inzûzi

Inzûzi zicá murí komǐne ya Gítǎnga twǎsānze atári nyǐnshi cāne aríko ziriho. Izǎshoboye kumenyēkana zicīwemwó imirwi ibiri.

Umurwi wāmbere ugizwe n'ínzûzi zǎgiriye akamaro abǎhatūye. Aha twōvuga nka: Mutsǐndōzi, Musasa, Cūnda na Kábago, bavugá kó bǎyivōmamwó bakōngera bakarimira mu biyāya vyâzo.

Umurwi wa kabíri ugizwe n'înzûzi zǎbatēye ingŏrane. Aha twōvuga nka Nyágǎnza rwǎtwāye abāntu batarí bake n'ímirimá, hamwé na Bwînj[illegible]irá, rwǎbatēye indwâra y'ûmwîngo.

**b. Imigezi**

Icătumye dúshira mu matōhōza yâcu imigezi, ni ukó nayó nyéne yagíze uruhára rutarí rutó mu buzima bw'Ábashûbi bó murí ako karêré k'ítōhōza n'íyĭndi miryāngo y'ábarŭndi yahátūye. Iyo migezi icīwemwó imirwi ibiri: hari imigezi yabáfashije kuhába hakaba n'íyabátēye ingŏrane.

Mu migezi yabátēye ingŏrane harihó Kazâmá. Ngo ntāwaháca búgorōvye ahêtse umwâna cānké afíse inda, ngo umwâna yacá azîngama, inda nayó ngo ikamunyikiramwó.

Murí make hărabatêra ubwôba. Umugezi wa Rugabo nawó ngo warábatwâra iyó wūzúye imvúra yâgūye. Umugezi wa Nyágatíka ngo urakera kúrya kw'íbitíka vy'ámateke, amâzi yâwo ntányōbwá. Umugezi wa Nyábitîmba na wó ngo ntunyōbwá kăndi búgorōvye urakanya cāne ku buryó atāwŏwuhonyoramwó.

Umurwi ugirá kabiri ugizwe n'imigezi yabáfashije kuhába. Aha twōvuga: Mibagá, Nyĕnsato na Nyabwēzi, băvōmamwó amâzi yó kunywá. Nyĕnsato, Mugonera na Nyagatōke yarí ifíse ibiyāya bărimiramwó. Iyo nkurú yahûriwe kó na KÍGWĬNYA, KANYÊDŎNZI na VYÎTĪZO.[11]

## 1.2. Imiryāngo yahátūye n'îngéne yabânye n'ábăndi barŭndi

Mukarêré twăgizemwó amatōhōza, ntitwĭbagiye kubáza túbaririkiza imiryāngo yatûye hó n'îngéne Abashûbi băbānye nayó. Nâhó abatári bake twăsānze bátībúka imiryāngo yâbó, iyó twăshoboye gusārūra ni iyi:

### 1.2.1. Ku mutŭmba wa Nyamabuye

a) Mu gacīmbiri Nyamabuye hari imiryango y'Abajîji, Abahoro, Abashīngo, Abaragáne, Abanyákaráma, Abahīnda, Abacăba, Ababănga.

[11] VYÎTĪZO Raphaël, umutŭmba NYAMABUYE, 11/7/2011

b) Mu gacīmbiri kā Shêmbe hari Abahoro, Ababǐmba, Abajîji, Abarazá, Abavumú, Abahīnda, Abashǒma, Ababanda, Ababǎnga, Abatsǐndagire.

### 1.2.2. Ku mutǔmba wa Kábago

a) Mu gacīmbiri Kabágo hari Abajîji, Abasāmbo, Abacǎba, Abashīngo, Abasǐndi, Abaragáne, Ababānda, Abarishi, Abaremēra, Ababíbe.

b) Mu gacīmbiri Mwākīro hari Abajîji, Ababǎnga, Abasǐndi, Abaragáne, Abashīngo, Abahǒndōngo, Abanyákaráma.

### 1.2.3. Ku mutǔmba wa Cūnda

a) Mu gacīmbiri kā Cūnda hari Ababǐmba, Abacǎba, Abahimá b'Ábacǎba, Abazibīra, Abashīngo, Abaragáne.

# IKIGABÁNE CĀ KÁBIRI:

## AMÂMŪKO Y'ÁBASHÛBI BÓ MU BUNYĀMBO N'ÂBÓ KŪ NKÎKO Y'ÚKUMOSÓ

### 2.1. Ukó abatōhōji bavugá ku mâmūko y'ímiryāngo

Imbere yûkó tuvugá ibijânye n'âmâmūko y'Ábashûbi bó murí ako karêré, twăbānje kurāba ivyănditswe kū nkómōko y'ímiryāngo.

J.B NTAHOKAJA [12] yarátānze icîyumvīro c'înkómōko y'ímiryāngo imwîmwé. Avuga yûkó harí ahó izína ry'úmuryāngo ryērékana amâmūko, iyó băje báva. Atānga akarorero k'Ábajîji n'Ábashûbi. Avuga yûkó iyo miryāngo yōbá yáje ivá mu Bujîji nó mu Bushûbi, murí Tānzaniyá y'ŭbu.

MWŌROHA [13] (1977), yasângiye icîyumvīro na J.B. NTAHOKAJA (1978), yatânze akarorero ku miryāngo: y'Ábahânza n'Ábanyákaráma. Ishobóra kubá ifíse amâmūko ku bāntu bāzwí murí kăhise ku mazína ya RÚHĂNZA na NYÁKARÁMA.

Izína ry'úmuryāngo rirashobóra kăndi kuvá ku muntu wa kĕra. SAMBEEK (1950)[14] , avuga kó umuryāngo ushobóra gusāngirwa n'ábahutú n'ábatūtsi kăndi bádasāngíye uwó băkomōtsekó. Ngo birashika kăndi kó imiryāngo ibiri idasá ifitá izína rimwé kubêra abó băkomōtsekó bări báfise amazína asá aríko atáco bapfāna. Ngo mu mihîngo idasá, umuryāngo umwé urashóbora kubá uw'ábatūtsi aríko muyĭndi mihîngo uwo muryāngo ukaba uw'ábahutú.

ROZIER (1973)[15], avuga yûkó ivy' **ímiryāngo (clans)** bivugwá nó mu bĭndi bihúgu, atānga akarorero kó murí Irlande nó murí Ecosse.

[12] NTAHOKAJA J.B, *Imigenzo y'ikirundi*, Bujumbura, UB, 1978, p. 8.
[14]MWOROHA E., op.cit., p. 40.
[14]SAMBEEK (J.V.), *Croyances et coutumes des Baha*, T2, 1950
[15] ROZIER (R.), *Le Burundi, pays de la vache et de tambour*, la presse du palais royal, Paris, 1973, p. 62 et 63.

Umwānditsi BOURGEOIS [16] avuga kó dushobóra kăndi gusânga umuryāngo umwé mu bihúgu vyĭnshi. Atānga akarorero ku muryāngo w'Ábĕga dusănga mu Rwānda nó mu Burŭndi.

Mu Burŭndi na hó nyéne, kuva kĕra *imiryāngo* yămyehó kăndi yarí ifíse ikibănza kiníni. Mu matōhōza twăgize ku bisatá vy'Ábashûbi bó mu Bunyāmbo nó kū Nkîkó y'Úkumosó, twăsānze hári Abashûbi, Abashûbi-Barasagisīga hamwé n'Ábashûbi–Batānganwa.

Umwâna akíri mutó, abavyêyi băramubwîra umuryāngo arímwo agakura awûzi, mberé akamenya n'îvyó uwo muryāngo ugēndérakó. Kimwé mu vyĕmeza yûkó umuryāngo warí intîbágirwa mu barŭndi, ní imyĭbutsa n'ámazína y'ábāntu.
Uturorero :

- « *Umwămi akubaza umuryāngo ntákubazá ivyó warāríye* »
- « *Umuryāngo uva ku muryângo* »
- « *Umuryāngo uryōha uryâna* »
- « *Umuryāngo uragurana* »
- « *Umuryāngo urakúrya ukagúherana* ».

Iyo myĭbutsa y'íkirŭndi irêrekana yûkó umuryāngo warí ishīngiro ry'ákarānga k'Úburŭndi hâba ibwămi cânké mu banyágihúgu. Amazína bita abana na yó nyéne yarêrekana yûkó umuryāngo utări usânzwe. Aha twọvuga nka Muryāngo, Nākúmuryāngo n'áyăndi.

Umwĭbutsa wā mbere wērekana yûkó umwămi yĭtahó cāne umuryāngo umurŭndi we□se yávamwó. Umwĭbutsa wa kábiri wērekana kó umuryāngo utavá kure, kăndi kó abasângiye umuryāngo băba nk'ábasângiye inzu n'úmuryângo. Umuryāngo ushimikiye kū nzu. Imyĭbutsa ya gátatu na káne yērekana kó mu muryāngo hashobóra kubamwó indyārya, inkózi z'íkibí.

[16] BOURGEOIS (R.), *Banyarwanda et Barundi*, T1, Religion ey magie, Institut Royal Coloniale Berge, Bruxelles, 1954, 4 vol.

Umwĭbutsa wa gátānu wērekana yûkó iyó hagizé umūntu agirira nâbí uwó basāngíye umuryāngo, ivyó yŏnōnye bitărihwa vyöse. Uwâwé akúrīye nâhó wītwâra muragumana. Ikĭndi twōvugá ni ukó Uburŭndi bugizwe n'îhûriro ry'ímiryāngo, umuryāngo na wó ukaba ihûriro ry'ábāntu, bâba abasāngíye amaráso kurí bā sêkúruza băbāyehó, baba abĭtirirwa amazína y'âhó bā sêkuruza băje báva, cānké ku mūntu atībúkwa nêzá cānké atăbayehó.

Twîsūnze ivyó twăbōnye abānditsi b'íbitabu băvuze ku bijânye n'înkómōko y'ímiryāngo, twîsūnze kăndi, ivyĭgwa twabōnye mw'īshŭre cānecâne icĭgwa c'ámazína y'úruháro (Onomastique) n'ícĭgwa c'ímicó n'ákarānga (Anthropologie culturelle),[17]twōtōndeka umuryāngo mū ntâmbwé ziné zikuríkira :

**Intâmbwé yā mbere:** Umuryāngo ugizwé na Sêrugó na Ínarugo n'âbâna.

**Intâmbwé ya kábiri:** ní intâmbwé yā mbere hīyóngērakó abo mu muryango w'íbugabo gushika kurí bā sêkúru na bās êkúruza.

**Intâmbwé ya gátatu:** umuryāngo ugizwé n'ábāntu basāngíye izína ry'úmuryāngo, bâba abasângiye amâmūko cânké bátayasângiye. Akarorero: Abashûbi, abajîji, Abahânza, Abanyákaráma, Abahŏndōgo, ..... .

**Intâmbwé ya káne:** umuryāngo ugizwé n'ábāntu bagīyé hamwé .bakîyunga bagahéza bakīyita izína, umwé wëse aba afíse umuryāngo ávamwó, ujānyé n'întâmbwé yā mbere, ya kábiri eka mberé n'íya gátatu.

## 2.2. Amâmūko y'Ábashûbi bó kū Nkîko y'Úkumosó n'ícătumye bîmuka

Nk'ûkó tubimenyéreye mu Burŭndi mberé nó mu bĭndi bihúgu, umūntu wëse arafíse iyó yămūtse, n'âhó yōbá yávūkiye aho hāntu, birashóboka kó sé cânkébā sêkúru, cānké bāsêkúruza bōbá bâje aho hāntu bávuye mu yĭndi mihîngo. Ivy' ûkwîmuka rēró biba bífise imvo ibonéka y'îcó babá bágīye kurōndera.

Umūntu arashóbora kwîbaza iyó Abashûbi bó murí iyo ntârá băkomōtse, ingéne băhashitse n'ícăbāzanye. Abashûbi bó murí ako karêré twăbashize mu mirwi itatu: Abshûbi atārĭndi shámi băvūykó, Abashûbi Barasagisīga n'Ábashûbi-Batānganwa.

* **Inkómōko y'Abashûbi Barasagisīga**

Abó twăgizekó itōhōza bătubariye yûkó iryo zína ry'ígisatá c'Ábarasagisīga ryăvūye ku mūntu wó mu muryāngo w'Ábashûbi yĭtwá MUHŌZI, wó mu kīnjana cā cúmi n'úmunăni. Ngo ibugánwa, băriкó barahiganwa bîga kurása, ngo yarárashe igisīga cări hējuru cāne mu gicu arakigema kirakoroka. Ngo guhêra ico gihe, abămukomōtseko bo□se băcīye bîtwa Abarasagisīga. BIRAKÁZE Agricole, Umushûbi-Murasagisīga, mwĕne MARĀNGO agira ati:

"*Uwatânguye kwĭtwa Umurasagisīga yarí MUHŌZI.*"

Arōngera ati:

*"INÁRŎNDO, mushíki wa sógokúru GASÂGO, yarárashe umwāmpi bárikó baratebanwa n'ábăndi, yarí mu kiyāya cā Ngabwe, agema urukwâvu rwări mw'ītāba ryā Ngabwe, murí komĭne Sōnga, inâará ya Búrurí, iragi riba rirakomeye."*

Mu gushika aho ku mutŭmba wa Nyamabuye, Abo Bashûbi-Barasagisīga ngo băzanywe n'úkurōndera amatōngo yāgutse. VYÎTĪZO Raphae□l, Umushûbi-Murasagisīga, yazánanye na sé wîwé BIRAKÁZE, avuga ati:

*« Jēwé VYÎTĪZO Raphaël, mbá ku mutŭmba Nyamabuye, agacīmbiri Shêmbe, nĭmutse mvá ku mutŭmba wa Nyabikēnke, agacīmbiri Nyagátagara, mū ntârá ya Gítega, itōngo twăbamwó ryărāze ntíryāba ríkidukwīra hānyuma turîmuka. Nazánanye na dâtá tûje kurōndera itōngo ».*[18]

---

[18] VYÎTĪZO Raphaël,Umushûbi-Murasagisīga, umutŭmba Nyamabuye, 15/9/2011

Nk'ûkó BIRAKÁZE Agricole yǐmutse kubêra yarôndera itōngo, abǎduhāye inkurú nka bo□se, bǐmutse kubêra bǎrōndera amatōngo yāgútse kǎndi yōbá améra gusūmba ayó bǎhoramwó. Aha twōvuga nka BIRANYÚRANA, yǐmukiye ku mutǔmba wa Nyamabuye avûye ku mutǔmba wa Kábago. VYÎTĪZO Raphaeël na BÚTŌYÍ Fabien bǐmutse bákwirikiye sé BIRAKÁZE Agricole, báva mu Ryānsoro bája i Nyamabuye.

Túretse abo bashûbi bǐmutse kubêra amatōngo, hari n'ábǎndi bǐmutse bívūye kū ntwâro y'úmukázo y'ábatwǎre bǎtwāra aho hāntu. Aha twōvuga BǏNDĀRIYE Lazare, Umushûbi, yǐmutse aváku mutǔmba wa Nyakuguma agacīmbiri kā Gahāngaza, yǐmukiye ku mutǔmba Nyamabuye, agacīmbiri kā Shêmbe, hamwé n'ábahǔngu bîwé arí bó NǏTERÉKA Frédéric na BÚCUMI Jérôme.
BIǏNDĀRIYE Lazare agira ati:

> *«Nǐmutse mpûnga imikōbeko yǐmbīshwa n'úmutwǎre SĪZIMWE, yarádukúbita cāne, hǎri ku mufǔndi RUJĀGĀGA; uyo mufǔndi ǔbakīsha inzu z'íbigwǎti.Yarákora ikibí cāne, n'îyo wahāmvye uwâwé yîtavye Imâna, uyo mutwǎre yarámukúzūrisha ngo wamuhāmvye nâbi. Nahûnze intwâro y'úmukázo».*[19]

## 2.3. Amâmūko y'Ábashûbi bó mu Bunyāmbo n'ícǎtumye bîmuka

### *Inkómōko y'Ábashûbi-Batānganwa

Abo Bashûbi bavuga yûkó ubwā mbere bǎri Abashûbi nk'ábǎndi. Icatumye bîtwa Abatānganwa, ngo vyǎvūye ku kīntu cǎshitse ibwǎmi. Ngo ku kirǐmba hǎrahîye inzu, indûrú ziravúga. Abǎshitse gutabāra ubwā mbere ngo bǎbāye abó Bashûbi. Guhêra ico gihé ngo bǎcīye bîtwá "Abatānganwa batāngánwa gutabāra".

[19] BǏNDĀRIYE, umutǔmba NYAMABUYE, 15/9/2011.

KIGWĬNYA, Umushûbi-Mutānganwa, mwĕne RUSŪMO rwā MPŌNDA wa MURYĀMA, wó ku mutŭmba wa KÁBAGO, avuga ati:

> *«Umutānganwa wā mbere yabâye sé wa MURYĀMA, sé wa sógokúru MPŌNDA. Hăhīye inzu i bwămi, wé n'âbîwé ngo baba aríbo batabâra, abăndi bátarâhashika.Guhêra ico gihe, abo Bashûbi băcīye bîyita Abashûbi-Batānganwa batāngánwa gutabara».*[20]

Twîhwēje iyo nkurú yatânzwe, yába BIRAKÁZE cānké KIGWĬNYA, birashóbora kubá arí vyó, aríko ku Batānganwa, izína ryā sé wa MURYĀMA, umwămi n'ígihe, ntibăshoboye kuvyībuka.

Ku bijânye n'ûkwîmuka, Abashûbi bó murí ako karêre, bamwé bavuga kó bămye ngăho nyéne kuva kĕra aríko abăndi băkomōtse murí Komĭne MPĬNGA-KAYOVE, ku mutŭmba wa Nkóma ya Bánege, mū ntâráya RUTANA. Abo băvūye ahăndi bavuga yûkó băzanywe n'ámatōngo yāgútse kăndi amerá gusūmba ayó băvūyemwó.

KIGWĬNYA, Umushûbi-Mutānganwa, wó ku mutŭmba wa Kábago, sékuru wîwé MPŌNDA yĭmutse avá ku mutŭmba wa NKÓMA ya Bánege, murí komĭne Mpĭnga-Kayove, igihe bĭmukiyekó ntiyacîbutse aríko ngo bărōndera amatōngo amerá.

BARŬMBĀNZE André na NYÁBĔNDA Léonidas batāzîra MASENGE, Abamushûbi-Batānganwa, băvūkiye ku mutŭmba wa Cūnda, agacīmbiri Cūnda, ikómĭne ya Gítănga, intâra ya Rutana.

[20] KIGWĬNYA, umutŭmba Kabágo, 19/19/2011

Mu matōhōza twăkoze, nâhó abo Bashûbi Batānganwa bavúgakó bôbó bămye ngăho, batĭmutse báva ahăndi, twîtegereje ubucutí bw'ámaráso bafitániye n'úmuryāngo wa KÍGWĬNYA wĭmutse uvá Nkomá, dusānga na bó nyéne bôba báfise inkómōko ku mutŭmba wa Nkóma, bā sêkúruza bâbo bōba bâhāje mu kirīngo cā kêra. Twîsūnze inkúru zātānzwe mu gihe c'ítōhōza, turashóbora gushíra inkómōko y'ábashûbi bó murí ako karêré mu mirwi itatu:

a) Umurwi wā mbere, ugizwé n'Ábashûbi b'Ábarasagisīga, bafise icivugo: *« Ndagúkūnda nk'Úmurasagisīga »,* băkomōtse murí komĭne Ryānsoro mū ntârá ya Gítega, bâje kurōndera amatōngo yāgútse kăndi amerá gusūmba, băserukiwe n'úwaháshitse ubwā mbere arí we BIRAKÁZE Agricole, mwĕne MARĀNGO wa GÁSĀGO kā SERAMA wa NKÚBĀRA wa KÂBUGĒRE ka MUHŌZI, yazánanye n'ábahŭngu bîwé arí bo VYÎTĪZO Raphaël na BÚTŌYI Fabien.

b) Umurwi wa kábiri ugizwe n'Ábashûbi bĭmutse báva ku mutŭmba wa Nyakuguma, agacīmbiri Gahāngaza, komĭne Gitănga, intârá ya Rutana, băserukiwe na BĬNDĀRIYE Lazare, yaháshitse ubwā mbere, mwĕne NTÂBĂNGANA wa KAGOMA kā NTÁHĪNDWÁ, bafisé icîvugó: *«Ndagúkūnda k'Ábashûbi bazira gushūmba bó kwā Ntáyāgá abiri»,* bĭmutse bâza i NYAMABUYE, báhūnze intwâro y'úmukázo y'úmutwăre SĪZIMWE yatwârira umugánwa BUJĒNJEGERI ku mwămi MWĀMBUTSA BĀNGĪRICÊNGE. Aha twōvuga: NĬTERÉKA Frédéric na BÚCUMI Jérôme. ( abahŭngu bā BĬNDĀRIYE, băzananye na sé).

c) Umurwi ugíra gatatu wōba wáje ukómōka murí komĭne Mpĭnga-Kayove, ku mutŭmba wa Nkóma, wasérukiwe na KÍGWĬNYA mwĕne RUSŪMO rwā MPŌNDA wa MURYĀMA. Bafisé icîvugó: *« Ndagúkūnda nk'úmutānganwa »,* Băzanywe n'ámatōngo. Aha twōvuga Abashûbi bŏse b'Ábatānganwa, bâba ababá ku mutŭmba wa Cūnda, bâba abó ku mutŭmba wa Kábago, bâba abó ku mutŭmba wa Kázĕba hamwé n'âbó ku mutŭmba wa Gaseri.

Túmaze kwûmva kó Sěkuru wa KIGWĬNYA yajé avá i Nkóma hānyuma, yába NYABENDA Léonidas n'íncutí zîwe, yába BARŬMBĀNZE André, yába BIRANYURANA n'âbîwe, yába NDIKUMWĬMI Paul , abo böse bakaba arí íncutí zā KIGWINYA kăndi bakaba arí abashûbi-batānganwa, túrāvye kăndi kó KIGWINYA arí wé afisé imyâka myĭnshi kăndi sĕkuru akaba arí wé yavûye i Nkóma, biboneka kó abo Bashûbi-Batānganwa bafisé inkómōko y'î Nkóma, kăndi bōba bâzanywe n'úkurōndera amatōngo amerá kăndi yāgútse.

Harihó n'ábăvuze yûkó hŏbá hárihó n'Ábashûbi bó mu bwôko bw'ábatūtsi aríko ntíbăshoboye kwêrekana ingéne vyăgēnze kukó Abashûbi basānzwe bári mu bwôko bw'ábahutú. KANYEDONZI Casien avuga yûkó umuryāngo w'Ábashûbi urímwo ubwôko bubiri: ubwôko bw'ábahutú n'ûbwôko bw'ábatūtsi.

Yatânze akarorero k'úmugoré wa BUGOHOGO yĭtwá NDIMUBANDI Yuditá, wó ku mutŭmba Nyamabuye, agacīmbiri Busāngo, yarápfūye ; aríko iyo nkurú ntíyanyóroheye gutōhōza, kukó uyo mugoré yarí asânzwe yáje kwŭbaka aho hāntu avûye mu Butūtsi. Ngo yavá mu Mugămba.

## 2.4. Ingéne Abashûbi bó kū Nkîko y'Úkumosó n'âbó mu Bunyāmbo băhashitse

### 2.4.1. Abashûbi bó kū Nkîko y'Úkumosó

N âhó bacá umuganí mu Kirŭndi ngo:"*Inyoni iguruka yîsūnga igiti,*" harihó Abashûbi bătūye murí ako karêré bîsūnga abăndi barŭndi, hakaba kăndi n'ábăhāje atáwe bīsûnga. Mu bashûbi băhatūye báfise abó bīsûnga, hari BIRAKÁZE Agricole Umushûbi-Murasagisīga, arí kumwé n'ábahŭngu bîwé arí bo VYÎTĪZO Raphaël na BUTOYI Fabien. Yashítse i NYAMABUYE mu 1975, kū ntwâro ya MICOMBERO, yagérēreye mw'ītōngo ry'úwĭtwa MUNĂBA, uwo na wé yarí yáhūnze urwîmo rwó murí 1972.

Yǎkiriwe n'úwǐtwa MIHARÉ Emmanuel hamwé na MPITARÚSŪMA Vénérand batāzîra NYABĀBA bó mu muryāngo w'Ábahoro. Túretse abo Bashûbi bǎrōnse ababâkīra, abǎndi ntâwabâkiriye. Aha twōvuga nka BIRANYÚRANA, Umushûbi–Mutānganwa, atári umutwǎre yǐtwá VYŪNGA yamwêretse ahó acá agâsâgo (ahó yūbáka), ntāwamwâkiriye. Yashítse mu1970, yashíkiye mw'ītōngo ry'úwǐtwa KIBŪNDI, yarí yáhīmutse agênda mu gacīmbiri kā BÚSĀGA ku mutǔmba wa KĪNZĀNZA, iryo tōngo yarí yârigaye; ni wé yahágerēreye ubwā mbere mu Bashûbi kǎndi ntá we bǎzananye, uwajé amúkwirikira yarí KANYÚGUNYÚGU wó mu muryāngo w'Ábajîji. Uwǔndi atā wamwâkiriye ní BǏNDĀRIYE Lazare, yazánanye n'ábahǔngu bîwé arí bo NǏTERÁKA Frédéric na BÚCUMI Jérôme. Yashítse ku mutǔmba wa NYAMABUYE mu 1958. Yazánanye na NYABWĀNGO, NDABÁHARIYE, MIKŪMBI, BAZIRÍ na RUSURIYE Marc. Ntā mūntu yamwâkiriye, yashíkiye mw'ītōngo ry'íshāmba atā warí bwâríbemwó.

### 2.4.2. Abashûbi bó mu Bunyāmbo

Mu Bunyāmbo hagwīriyeyó Abashûbi-Batānganwa. Mu Bashûbi bó murí ako karêré harimwó na hó nyéne abǎrōnse ababâkīra hakaba n'ábatǎbarōnse. MPŌNDA, Sěkúru wa KIGWǏNYA yajé avá ku mutǔmba wa Nkóma ya Bánege. Yashíkiye ku mutǔmba wa Cūnda aríko ntâ wamwâkiriye, yashíkiye mw'ītōngo ry'íshāmba. Na BARĀMPAMA sé wa NYÁBĚNDA Léonidas, yǐmukiye ku mutǐmba wa Kábago avûye ku mutǐmba wa Cūnda, yashíkiye mw'ītōngo ry'íshāmba, ntā mūntu yarônse amwǎkīra.

BURAZIKA, sé wa KIRAHÁGAZWE, yǐmutse avá ku mutǔmba wa Cūnda, yīmukira ku mutǔmba wa Kabágo, mu gacīmbiri kā MWĀKĪRO. Yǎkiriwe n'úmutāma yītwá GISHWĀHŪNGA wó mu muryāngo w'Ábarishi, aba aramúha ahó abá imbere yûkó yūbáka inzu yîwé.

Turabóna yûkó Abashûbi, bâba abó kū Nkîko y'úkumosó, bâba abó mu Bunyāmbo, harimwó abǎrōnse ababâkīra hakaba n'ábatǎbarōnse.

Abatărōnse ababâkīra ní nka BIRANYÚRANA, BIǏNDĀRIYE Lazare, KIGWǏNYA na NTEZIRIBÁ Barthélemy. Abăkiriwe nabó ní nka BIRAKÁZE Agricole, BARĀMPAMA, Sé wa NYÁBĚNDA Léonidas (batāzîra MASENGE), hamwé na BURAZIKA, sé wa KIRAHÁGAZWE.

### 2.5. Ingéne Abashûbi bó kū Nkîko y'Úkumosó n'âbó mu Bunyāmbo băbānye n'íyǐndi miryāngo y'ábarŭndi

Imibâno y'ăbo Bashûbi n'íyǐndi miryāngo y'ábarŭndi, twăyishize mu mirwi ibiri. Umurwi wā mbere ugizwe n'ímibâno vyǐzá, umurwi wa kábiri na wó ukagirwa n'ímibâno itărí myīzá.

#### 2.5.1. Imibâno myīzá

Abăduhāye inkurú bătubwīye yûkó yarí myīzá, ivyo bikērekanwa n'îngéne băhana abageni, ingéne băgabiranira inká, ingéne bămariranira imănza, bagafáshānya nó mū ngŏrane.

##### a. Uguhâna abageni

Abashûbi bó murí ako karêre twăgizemwó itōhōza bătubwīye yûkó atā muryāngo n'ŭmwé badahāná abageni. Imiryāngo twăshoboye kumenya yahânye abageni n'ăbo Bashûbi ni iyi ikwiríkira :

**Mu Bashûbi Barasagisīga**

Hari imiryāngo: uw'Ábahoro, uw'Ábarăzi, uw'Ábajîji, uw'Ábashûbi, uw'Ábashīngo, uw'Ábarānga, uw'Ábabǐmba n'ûw'Ábarishi.

**Mu Bashûbi Batānganwa**

Hari imiryāngo : uw'Ábashûbi, uw'Ábarishi, uw'Ábashīngo, uw'Ábarăzi, uw'Ábahoro, uw'Ábahânza, uw'Ábabǐmba, uw'Ábaremēra, uw'Ábasǐndi, n'ûw'Ábabíbe.

**Mu Bashûbi atarí ishámi**

Hari uw'Ábahoro, uw'Ábashûbi, uw'Ábashīngo, uw'Abajîji, uw'Ábarăzi, uw'Ábabīmba, uw'Ábanyákaráma n'ûw'Ábaragáne.

**b. Ukugabiranira inká**

Abo Bashûbi ngo băragábiraniye nká n'íyĭndi miryāngo yahátūye. Aha twōvuga nka BIRAKÁZE Agricole, Umushûbi-Murasagisīga, wó ku mutŭmba wa Nyamabuye, yagábiraniye na SÊNTŌTO, Umushŏma, wó ku mutūmba Nyamabuye nyene. Abăduhāye inkurú bătubwīye kăndi kó BIRAKÁZE yagábiye inká MPITARÚSŪMA Vénérand, Umuhoro wó ku mutŭmba Nyamabuye. VYÎTĪZO Raphael Umushûbi Murasagisīga wó ku mutŭmba Nyamabuye, yarágabanye inkâ kwā MPITARÚSŪMA Vénérand. SÎNGWĀRARE, Umuvumú wó ku mutŭmba NYAMABUYE, yarágabiye inká BIRAKÁZE, Umushûbi Murasagisīga. Iyo nkurú yatânzwe na BIRAKÁZE, NTIBASHIRÁKĂNDI na BÚTŌYÍ Fabien.[21].

**c. Ukumariranira imănza**

Mu Bashûbi bó murí ako karêré k'ítōhōza, abăduhāye inkurú bătubwīye kó harímwo abafíse umutíma w'úgufáshānya na cānecâne mu kumariranira imănza. BIRAKÁZE Agricole, Umushûbi-Murasagisīga, ngo adáshitsé kwā NTÍBASHIRÁKĂNDI Michel, wó mu muryāngo w'Ábahoro, ngo urubănza ntírwătāngura, ngo ni wé yavúga ijāmbo. VYÎTĪZO Raphael, Umushûbi-Murasagisīga, yaráfashānya cāne imănza na SÊNTŌTO wó mu muryāngo w'Ábashŏma. BĬNDĀRIYE Lazare, Umushûbi, yárafashānya imănza na HAMENYIMÂNA wó mu muryāngo w'Ábajîji. Iyo nkurú twăyihāwe na BIRAKÁZE Agricole, BĬNDĀRIYE Lazare na VYÎTĪZO Raphael. [22]

---

[21] BUTŌYÍ Fabien, umutŭmba NYAMABUYE, 4/10/2011

[22] BIRAKÁZE, BĬNDĪRIYE, VYÎTĪZO, umutŭmba Nyamabuye, 22/9/2011

NYABĚNDA Léonidas, Umushûbi-Mutānganwa ngo yaráfashānya imăza akōngera akagemuriranira na KAGOMA Athanase wó mu muryāngo w'Ábasĭndi. Iyo nkurú twăyihāwe na KÍGWĬNYA hamwé na NYÁBĚNDA Léonidas.[23]

## 2.5.2. Imibâno itarí myĭzá

Mu muganí w'íkirūndi bavuga bati: « ntā nyāmbo iburá agahōnzi ». Mu mibâno y'ăbo Bashûbi, ngo hărabâyemwó abátĭgēnjeje nêzá. Aha twōvuga nka KÍGWĬNYA, ngo yavúba urubúra rukônōna indimo z'ábabânyi. Na sêngé wa BIRANYÚRANA yĭtwá RYŪMANYE, ngo yarároga abó mu muryāngo arímwo hamwé n'ábabânyi bîwé, aríko ngo ntā ntāmbara z'úkwîhōrahōrana zăbāyehó.

[23] KIGWĬNYA, NYABĚNDA Léonidas, umutūmba, KABÁGO, 25/10/1011

# IKIGABÁNE CĀ GATATU:
# IMICÓ N'ÍMIGĒNZO VY'ÁBASHÛBI BÓ MU BUNYĀMBO N'ÎY'ÂBÓ KŪ NKÎKO Y'ÚKUMOSÓ

Nk'ûkó tubisănga mū ntârá zöse mberé nó mu bĭndi bihúgu, ntā bāntu babahó bátagíra ikibárānga, amatêka bagēndérakó mberé bakayûbaha bakanáyŭbahiriza. Abashûbi bó murí iyo ntârá yakózwemwó ivyĭgwa, barafíse na bó nyéne imicó n'ímigēnzo ibarănga, yába iyó bīsângije cânké iyó basāngíye n'ábăndi barŭndi batarí murí uwo muryāngo. Kubêra yûkó icĭgwa twăkoze kitāri icó kugereranya umiryāngo n'íyĭndi mu vyĕrekeye iyo micó n'ímigēnzo, twĭtwāraritse ivyĕrekeye abashûbi bó murí ako karêré.

## 3.1. Ibimazi hamwé n'íbiterékērwa vyâbo

### 3.1.1. Ibiterékērwa

Ku bijânye n'îvyó băterekēra, BIRAKÁZE Agricole avuga yûkó iwăbo yărutse abóna sé wîwé atérekēra **intāma nyamwêro** (intāma yērá itagirá irĭndi bára na rímwé, ikaba ikigígwamâna). Ngo yaráterekēra kăndi n'înká yītwá **inywĕrwa**, arí yó bītá **inká y'ábakurú.** Amatá yâyo yanyôbwa n'âbó i muhira gusa, hágize uwŭndi ayanywá, iyo nká ng yacá ihúmāna. Itábāyé ingūmba, amabêre yâyo ngo yarágegenuka agacîka. Ku bijânye n'ákamaro ivyo biterékērwa vyări bíbafitiye, avuga yûkó vyătuma bárāmba kăndi bagakomera, uwutâbiterekēreye yarázīngama n'úgupfá agapfá.

BIRANYÚRANA, wó ku mutŭmba NYAMABUYE, yatérekēye **ingeyo. Ingeyo** ní urusâto rw'ágakôkó bītá **inkomo** rwăkorēshwa mu kubāndwa cānké mu gutérekēra. Yaráterekēra **inguru.** (utubuye dutôdutó băterekēra tukaba ikigereranyo c'Îmâna). Yaráterekēra kăndi n' **ímpŭzu z'íbití** hamwé n'**ímpené.**
Mu gutérekēra, ngo băfata intāma y'întágari, y'îbára ryērá, bagafáta n'ímpené y'ísuguru, bakabishira mū nguru mu gihe có gutérekēra, bôngera bánywa amayogá.

Avuga ati :

> *« Jēwé naráterekēra ingeyo, kăndi narî mfise zibiri, naráterekēra intāma y'ûmwêro n'ímpené. Intāma y'ûmwêro yajá mū nguru irí kumwé n'ímpené imwé, kăndi intāma yabá arí intágari»* [24]

RUNYEGERI, sēkúru wa KIRAHAGAZWE yatérekēra **ingeyo**, **inguru** hamwé n'**îsáto**. KIRAHÁGAZWE Avuga yûkó ivyo băbiterekēra kugira ngo ntibárwāre kăndi ntibázīngame.

MPŌNDA, sēkúru wa KÍGWĬNYA na wé nyéne yaráterekēra **imâna z'ámabuye** arízo bĭta inguru, agatérekēra **isáto,** agatérekēra **ingeyo,** agatérekēra **n'íbití vy'ímirīnzi** băbāndirwamwó.

KIGWĬNYA agira ati:

> *« Sogókuru MPŌNDA yarí afise imâna z'ámabuye bītá inguru. Yaráterekēra isáto, ikavyāgarara murí nyā mâna z'ámabuye, utâzí iyó ivūyé. Yaráterekēra ingeyo bămbara ku mutwé bágōmba kubāndwa, agaterekēra n'íbití vy'ímirīnzi bĭta imigumya, băbāndirwamwó Yaráterekēra kăndi umûnyu w'ígishīnga, băwīta ngo ni ikimasá c'úmuryāngo. Mu gihe c'úkubāndwa, uwo mûnyu ní wo băgabura».*[25]

Izína **inguru,** ngo ryăvūye ku kū/ntu băsāngamwó ayăndi mabuye yîyongēreyemwó, bátazi iyó yajé avá, băvuga yûkó yagurúkiyemwó, arí na hó hăvūye izína **inguru.**

---

[24] BIRANYÚRANA, umutuŭmba NYAMABUYE, 23/12/2011
[25] KIGWĬNYA, umutŭmba KABAGA,24/12/2011

### 3.1.2. Ibimazi bămbara

Ku kijânye n'íbimazi bămbara, NTIBASHIRÁKĂNDI Michel wó mu muryāngo w'Ábahoro, abá ku mutŭmba wa NYAMABUYE, avuga kó BĬNDĀRIYE yakûnda kubāndwa, agaterekēra n'**întézo** (bătega urutézo). Urutézo rwăkorwa mu dutámyi tw'íbishákará vyūmyé, bigumágumye, vy'ínyuma, bărakûramwó túrya tw'ímbere duhōbáhōba, bakagōnda utwo dutámyi (udushíshwa twūmyé tw'ínyuma). Uwuvyâye kabiri yămbara tubiri, uwuvyâye gatatu yămbara dutatu. Ngo twătuma bákomera hānyuma tukamenyēsha abāntu incúro uwutwâmbaye yabá avyâye.

Abo Bashûbi ngo bări báfise n'íbimazi bămbika abâna b'ámazína aríyo mazíma y'ímiziha, na vyó ni ibi bikuríkira:

$1^0$ Agahoro: kămbikwa KABŪRA aríwe MIBÛRO. Uyo mwâna yĭtwa iryo zína yabá agíra gatāndátu, ngo yarí imbûri, integûza y'úmūzo w'âbâna b'ímiziha.

$2^0$ Urusĭmbi: rwămbikwa NYĀNDWI arí we RWĀSA. Ayo mazína băyīta umwăna w'índwi.

$3^0$Akayagavu: kămbikwa MINĂNI arí we MIHARŨRWA cānké MIBARŨRWA cānké MIBÁRURO. Ayo mazína băyīta umwâna w'úmunăni. Ngo yērekana kó umuvyêyi yabá agéze ku gihárūro kibonéka. Umuvyêyi agezé kū mvyâro umunăni yabá afíse igihágararo n'îcûbahiro mu muryāngo.

$4^0$ Akayugi: ryămbikwa NYAWĔNDA arí we NYAWĂKĪRA arí we BUCĔNDA cānké RWĒNDÁ cānké BWĒNDÁ. Ayo mazína băyīta umwâna agirá icĕnda.

5⁰Agacúmu: kămbikwa BUCÚMI arí we MAKŌBERO arí we NDARISHIKANYE cānké NDARISHIKIJE. Ayo mazína băyīta abâna bagirá cúmi. Bămwīta NDARISHIKIJE cānké NDARISHIKANYE kubêra arí abavyêyi baké băvyāra gushika kw'īcúmi. Bămwīta MAKŌBERO kubêra bămwāmbika agacúmu, arí ryo kōbero.

6⁰Urukúbo: rwămbikwa MISÂGO, GASÂGO arí we BUSÂGO. Ayo mazína yĭtwa abâna b'īcúmi na rímwe. Ngo ni igihárūro kimwé gisāgá kw'īcúmi (kirēngá kw'īcúmi).

Mu vy'úkurí, dusānga ibimazi abo Bashûbi bămbika abâna bâbo bíhūriwekó n'íyĭndi miryāngo y'ábarŭndi. Umwâna w'îzína wöse yatégerezwa kugira ikimazi kimukĭngira, yīshângije, kijănye n'îzína ryîwé ry'úmuzìha. Kimutăndukānya n'áyăndi mazína.

## 3.2. Imiziro y'Ábashûbi bó mu Bunyāmbo nó kū Nkîko y'Úkumosó

Twîhwēje abatōhōji băgize icó bavugá kubijânye n'ímiryāngo, dusānga umwé wëse yári afíse ihāngiro ashăká gushikakó.

NIMUBONA Alexis[26], mu cĭgwa yakóze, yĕrekanye ubwôko bw'îmiziro imiryāngo yabwîrizwa kwîtwārarika, aríko uwo mutōhōji yĭze ku miryāngo myĭnshi, ntiyĭzīziye umuryāngo umwé gusa. Avuga ibijânye n'ímiziro ifatíye ku bifūngurwá, ku bwôrōzi, ku hāntu umūntu abá, kū ngwāno, ku vyó bŭbaha, ku gihe, ku rupfú, ku bucutí nó ku kwûbakana.

---

[26] NIMUBONA Alexis, *Essais de justification des tabous liés à certains clans au Burundi*, pp. 51-58

Umwānditsi Bernard ZUURE yasângiye icîyumvīro na NÎMUBONÁ Alexis. Ashimikira kukwîhāngana kugíra ntŭhave urênga ku miziro; avuga kó ari ukwîhāngānira imfŭngurwa izirírijwe, ibikorwá bimwêbimwé, ntā kurāba icó arí co cŏse, ntā gukórēsha imvúgo iyó arí yó yŏse kăndi ntâ gukórēsha ijāmbo iryó arí ryo ryŏse (ivyo twăbihīnduye mu rurími rw'íkirŭndi bíva mu rurími rw'ígifransa).

> *« Il faut s'abstenir de telle ou de telle nourriture, de telle ou de telle action, ne pas regarder telle ou telle chose, ne pas servir de telle ou de telle expression, ne pas employer de tel ou tel mot »* [27]

RUGAGINIZURUGENDO[28] na wé asāngiye icîyumvīro na Bernard ZUURE, NIMUBONA Alexis hamwé na BINAGANA A. kubijânye n'ímiziro, Barágerageje gutânga uturorero tw'ímiziro imwîmwe.

Agira ati:

*«Ntā Munyákarāma acānā injîshi, aba aséma inká;*
*Ntá Mushīngara acānira inká ku murāngo, aba azísema;*
*Ntā Mukûndo aryá inswá, inká zōhóna*
*Ntā Murúma aryá ubunyabōbó, inká zōhóna*
*Abasănzu ntíbaryá imyŭngu, inká zōhóna*
*Ntā Mugára acānira inká ku mutâga, aba azísema.*
*Ntā Munyákarāma asēsá amatá mu zîko, aba aséma inká*
*Ntā Mugúbĕre acānā injînshi, aba aséma inká*
*Ntā Muhinya acānira inká ku mutâga, aba azísema»*

Ku bijânye n'úkutárōngórana ku basângiye umuryāngo, twēbwé ku matōhōza twăgize ku Bashûbi, bătubwīye yûkó Abashûbi bashobóra guhâna abageni mu gihe badasāngiye amaráso.

---

[27] ZUURE B., *Croyances et pratiques religieuses des Barundi*, Bruxelles, l'essorial, 1929, p 159.
[28] RUGAGINIZURUGENDO, Cité par SADIKI Elie, p 82-83

Umwānditsi MURDOCK (G.P)[29] na wé nyéne aravyêmeza yûkó abasângiye amaráso badashobóra kurōngorana. Na BINAGANA( A)[30] yasângiye icîyumvīro n'ăbo babiri, aríko wé ashimikira ku miziro ifatíye ku bifūngurwa.

Abo bashûbi bó murí ako karêré, bări báfise ivyó băzirirza mu micó yâbo. Iyo miziro ngo yarábafasha cāne mu kubáho kwā mîsi yöse kukó ngo uwubírēnzekó yarágira ingŏrane akazîngama mberé nó gupfá agapfá.

KIGWĬNYA avuga yûkó **umukúbagwá** băwīta marāndura kukó, hágīze umūntu awucăna, urubúra rwăca rúrāndura imirimá yöse; ngo **umuvyîntirá,** abăndi bĭtá **umuvyîvyí,** hágize uwuwúcāna, ngo intózi zăca zítēra. Avuga kăndi kó **umuganasha** hamwé n'**ígihŏndogori**, hágize uwubícāna, ngo ibihúte vyăca bíbatēra. **Umukânda** ntíwacânwa kukó ngo hágize uwuwúcāna, intāmbwe yacá ikára cāne, ikamara abāntu. **Umuhashá** ntíwacânwa namba, ngo băwukūrakó ibihēko.

**Isékuro** ngo ntiyacânwa kukó băyikorēsha ; băvuga ngo ni igisābo kibagabúrira; **ibikĭngi vy'îrêmbo** ntíbăbicāna, ngo bōba básemye Sêrugó mu gihe akirího ; yárapfûye nahó ngo bōba bámucurīye. Yarôngeye avuga yûkó **ubwâto, umusékuzo,** vyărāra hānzé ngo bírāye mū nzu bōca bárāra bararâzirana, bararôta nâbí. **Intāma** ntíbăzirya ngo uwuyírīye ntíyasúbīra kuvyâra. **Inkokó** n'**ímpené** ntíbăbirya, ngo uwubírīye yabá ahúmānye, kukó băbikorēsha mugutérekera, zări nk'îmâna.

[29] MURDOCK (G.P), Cité par SADIKI Elie, p. 75.

[30] BINAGANA A., *Interdits alimentaires, Imiziro*, Bujumbura, Mémoire, U.B., 1971, p. 63.

Iyo nkurú ya KÍGWǏNYA yahûriwekó n'ábāntu bĕnshi, Aha twōvuga nka BǏNDĀRIYE Lazare, BIRAKÁZE Agricole na NYÁBĔNDA Léonidas. BIRAKÁZE Agricole agira ati:

*«Nó mu bití, hărihó ivyó twăzira gukórēsha kukó vyări bígize ibigabiro twămbarizamwó, na vyó ni:* ***umutágari, umurīnzi, umukoni, umutobótobo, umugômbé, umuvumúvumu****, ..., Mu muryāngo iwăcu, ikīntu cöse, igitŭngwa cöse cākubiswe n'ínkubá, ntāwagíkorakó: inká ntāwayírya, igití ntāwagísēnya, ivyămwa cānké ibitōke vyăbāye ibinaní ntāwasúbira kubíkorakó, inkubá yacá igáruka ikabamara»*[31]

KIGWǏNYA avuga kó n'âhó mu bitŭngwa bărya inká gusá, inká y'úmufyīri ngo ntibăyitūnga kăndi ntíbăyirya, n'íyihávūtse bărayikâbīsha ngo izǐndi ntizíhone; ngo n'íbití vyöse băkūrakó ibihēko (umunyágasózi, umukúbagwá, umukânda n'úmuvyîntirá), ngo ntibăbicāna, ngo ibihēko vyăca bíhumāna. Mu muryāngo iwăbo ngo harihó abăgīye barakúbitwa n'ínkubá, arí na có gitúma, câba igitŭngwa, câba igití cākubíswe n'ínkubá, ngo ntā wagíkorakó.

Avuga ati:

*« Twĕbwé twărutse bátubwīra yûkó inkubá arí mbí, bati ukóze ku có yakubíse urîbonerakó;ica igúkubita. HARUSHIMÂNA, mushikăcu, yaráshēnye ku gití cākubíswe n'ínkubá, yacîye imúkubita atâkwêzi guhezé. Umushûbi arasaba mu bashûbi mugábo ntibábe básāngiye amaráso. »*[32]

---

[31] BIRAKÁZE Agricole , umutŭmba NYAMABUYE, 3/11/2011 yari yavuzwe imbere y'aha.
[32] KIGWǏNYA, umutŭmba NYAMABUYE, 23/11/2011

### 3.3. Igicápo cērékana imiziro y'Ábashûbi mū ncâmaké

| IVYÓ ABASHÛBI BAZIRÁ | ICŎCA GÍSHIKA |
|---|---|
| Kirazira gucâna umukúbangwá (marāndura) | Urubúra rwōca rúrāndura umirimá |
| Kirazira gucâna umuvyîntirá (umuvyîvyí) | Intózi zōca zítēra |
| Kirazira gucâna umuganásha | Ibihúte vyōca bíbamara |
| Kirazira gucâna igihŏndogori | Ibihúte vyōca bíbamara |
| Kirazira gucâna umukânda | Intāmbwe yōca ikára cāne ikamara abāntu |
| Kirazira gucâna umuhashá | Inkubáyōca imára abāntu |
| Kirazira gucâna ibikĭngi vy'îrêmbo | Umūntu yōbá asémye sêrugó, atákirihó nahó yōbá amúcurīye |
| Kirazira gucâna isékuro cănké ubwâto | Ibisābo vyōca bíbūngwa |
| Kirazira kurâza mūnzu ubwâto, isékuro cānké umusékuzo | Abarâye murí iyo nzu bōca bárāra bararâzirana |
| Kirazira kuryá inyama y'íntama | Umugoré ayírīye ngo ntasubíra kuvyâra. Yabá arîye Imâna. |
| Kirazira kuryá inkokó | Uwuyírīye yabá ahúmānye kukó inkokó yarí Imâna. |
| Kirazira kuryá inyama y'ímpné | Uwuyírīye yabá ahúmānye kukó yabá arîye Imâna. |
| Kirazira gucâna umutágari | Uwuwúcānye yabá ahúmānye kukō wakóra mu gutérekēra |
| Kirazira gucâna umugômbé, umuvumúvumu cānké umutobótobo (aríwo munēmbēra) | Uwuwúcānye yabá acânye inzu y'Îmâna, băbikorēsha mu kubítēra mu bigabiro bămbarizamwó Imâna |
| Kirazira kuryá inyama y'ígikôko | Uwarámuka ayírīye inkubá yacá igáruka |

| | |
|---|---|
| cākubíswe n'ínkubá | kwîhōra ikamúkubita |
| Kirazira gucâna igití gikubíswe n'ínkubá | Inkubá yōgukúbita yîhora |
| Kirazira gutûnga inká y'ágafyīri | Inká zöse zirí murí urwo rugó zōca zíhona. |
| Kirazira guhonyora amasé y'înká y'ágafyīri | Ibirēnge vyōca bísadagurika |
| Kirazira kuryá inká y'ágafyīri | Umuryāngo wōca uhóna |
| Kirazira gucâna umwūgariro | Inká zōca zíhona. |

Twîhwēje iyo miziro ifatíye ku bití, tubona yûkó ivyo bití băbizirìriza kubêra băbikūrakó ibihĕko bibakĭngira. Băreka kubícāna kukó vyōhavá bíhera bakabúra ibibákīngira.

### 3.4. Imigírwa y'Ábashûbi bó mu Bunyāmbo nó ku Nkîko y'Úkumosó

Abo bashûbi bó murí ako karêré bări báfise imigirwá mu migēnzo n'ímicó yâbo: băratérekēra bakōngera bakabāndwa. Barashînga kăndi ibihēko, vyâba ivyó gutsírika inkubá, mberé n'îvyó gutsírika ibihúte. Băratéga kăndi intézo bakōngera bakāmbara ibimazi. Ku bijânye n'úgutérekēra hamwé n'úkubāndwa, KIGWĬNYA agira ati:

> *«Sogókuru MPŌNDA yarábāndwa, kăndi yaráterekēra inguru, agaterekēra* ***ingeyo****, agaterekēra* ***isáto.*** *Ico gisáto cărayvyâgarara mu mâna z'ámabuye, căza atâ mūntu akiboná. Iyo tukibŏnye, hari n'âho umūntu yacá apfá mu muryāngo wâcu, kăndi uwutábitérekēreye yarázīngama n'úgupfá agapfá. »*[33]

[33] KIGWĬNYA,Umushûbi-mutānganwa, umutŭmba KABAGO,15/11/2011

BARANYÚRANA, Umushûbi Mutānganwa, nyéne ngo yarí afíse uwo mugirwá wó ku bāndwa nó gutérekēra. Ngo yaráterekēra **ingeyo, inguru n'ímpŭzu z'íbití.** Ngo vyăramukîngira kurwâra, kuzîngama, wé hamwé n'âbîwé.

### 3.5. Imihāngo y'Ábashûbi bó kū Nkîko y'Úkumosó n'âbó mu Bunyāmbo.

Ku bijânye n'ímihāngo, hari imihāngo ijănye n'úgutérekēra, hakaba n'ímihāngo ijānyé n'úkubāndwa.

#### 3.5.1. Imihāngo ijānye n'úgutérekēra

**a) Ugutérekēra ingeyo**

Mu cĭgwa căgizwe na NÍYONGABO Clément[34] kubijânye n'úmuvumó, avuga yûkó ingeyo yakórēshwa mu kuvuma umūntu, bíkenewe gushíra ahabóna na hó, ingeyo ngo yarákorēshwa cāne mu mugirwá w'úkubāndwa. Mugihe c'úgutérekēra ngo băyāmbara ku mutwé cānké mu mugôngo. Băba bágōmba guhámagara ububāsha batāri básānganywe. MINANI Sylvane avuga kó harího uburyó bw'úmuvumo bákorēsheje ingeyo. Iyó arí sé, ngo aza arayímugéra.
Agira ati:

> *« Mu kuvuma, eka ndétse nó mu kuvumūra, igihe arí sé, aza aramugera ingeyo. Vyărashíka kăndi kó bavumá umwâna bâmbaye ingeyo. ».*[35].

MADOGORO Philippe avuga ati:

> *«Igitúma rēró umūntu w'úmushîngantăhe ashóbora kwāmbara ingeyo cānké akayigera umwâna, kwări ukugíra ngo Imâna ibimúfashe*[36]*».*

---

[34] NIYONGABO (Clément), *Une étude Anthropologique des phénomènes de la malédiction dans le Burundi traditionnel*, Bujumbura , UB, Mémoire, 2007, pp. 64-65
[35] MINĂNI (Sylvane), Cité par NIYÓNGABO Clément, p 65
[36] MADOGÓRO (P.), Cité par NIYONGABO Clément, idem

Hari **ingeyo** băkorēsha mu mugirwá w'úkubāndwa, hakaba n'**íngeyo** băterekēra. Ku bijânye n'íngeyo băterekēra, ntibăpfa ukó barŏnse urwo rusâto rw'ágakôkó bĭtá **inkomo.** Mu matōhōza twăgize, abăduhāye inkurú mu batûnze ingeyo cănké bā sêkúru bâbo băzitūnze, bavuga kó mu kurōnka urwo rusâto bitări vyôroshe. **Inkomo** rēró ní udukôkó twūríra ku bití tūnganá n'íntāma z'îmyâgazi. Utwo dukôkó dukūnda kugīra hamwé arí dutatu cânké tuné. Abahĭgi b'ínkomo rēró, básānze ahó turí, băkūramwó kamwé gusa mu guhámura, bakakîca bagaca bîtāhira. Băraheza bakakábāga. Urusâto rwâko, arírwo bĭtá ingeyo, bărubāmbira ku cîbo kīnganá n'úmutwé w'úmūntu, hagasigara urwĕnēna inyuma mu gihe bārwămbaye ku mutwé.

Mu gukana urwo rusâto, warí umŭsi mukurú; băraryá bakanywá umŭsi wo☐se. Rwûmye, băca bárukūra kurí câ cîbó bakarúbīka nêza mu giseke, arí na hó rwăguma. Iyó nyené kuyíterekéra atēwé n'întêzi y'**íngeyo,** yacá arúshira ku mutwé. Iyó vyānaníranye ního yacá abândwa.

BIRANYÚRANA agira ati:

> *« Ingeyo ní urusâto băkana bárukuye ku gakôkó kītwá* ***inkomo****. Arí ubukôkó butatu cankĕ buné, bîca kamwé gusa mu guhámura. Mu kubāmba urwo rusâto, băraryá bakanywá, eka warí umŭsi mukurú. »*[37]

**b) Ugutérekēra isáto**

Ugutérekēra **isáto** vyăjāna n'úgutérekēra inguru. Isáto ijé yavyâgarara mū mâna z'ámabuye arízo bĭtá **inguru.** Mu gutérekēra isáto rēró, KIGWĬNYA yabônye ingéne Sĕkuru MPŌNDA yabígēnza, yatúbwīye kó bĭnika amasaká atadīmbúye (batāshizemwó umunyota), bagakóra umubíra (inzogá itarâhéza gusha), bakarōndera n'úmubíra w'ámasaká adīmbúye, bakarāra bâwēnze, bakarōndera kăndi inzogá y'ámasaká yabâye ubumera, vyöse bâvânze bagaca básuka murí zâ nguru arí zo mâna.

[37] BIRANYÚRANA, umutūmba NYAMABUYE, 20/9/2011.

Mu kuyíhamagara băca bátōngērera kurí iyo nzogá. Băba bâshíze inzogá y'ĭvyo bivăngatirane mu gakóno gatôyá gafisé iminwa ibiri mitômitó. Ako gakóno kĭtwa **intákōmbwá,** kukó atāwŏshobora gushitsa ukubóko murí ko kubêra kāgá.

KIGWĬNYA, yabóna Sĕkuru wîwé MPŌNDA abígira, avuga ati:

> *« Umubíra w'ámasaká adīmbúye, n'úmubíra w'ámasaká atadīmbúye hamwé n'ínzogá y'ámasaká yabâye ubumera, vyărakwêga isáto kukó ní vyo vyăyiterekēra. Iyo sáto yashôka mu rûzi rwā Cūnda. »*[38]

NYÁBĔNDA Léonidas, avuga kó Sé RUNYEGERI na wé nyéne yatérekēra isáto, aríko wé ngo yarí akíri mutó. Agira ati:

> *«Sogókuru RUNYEGERI yaráterekēra isáto kăndi yashôka murí Cūda (urûzi Cūnda). Mu kuyíterekēra băshira inzogá y'úmubíra mū nguru. Inzogá imwé băyisuka murí nyā nguru, iyĭndi bakarekera mu dukóno dutôya tw'íminwa ibiri ngo ihavé izá kunywá, bagátahó n'îndyá ziryōshé. Sogókuru yavúgakó iyo sáto yacá izá kunywá iyo nzogá, ikaryá n'ĭzo mfŭngurwa. »*[39]

Túvyītegereje, KIGWĬNYA, n'âhó avugá kó ivy'úgutérekēra isáto yōba yábibōnye kurí Se, ababânyi bîwé nka NTÍBASHIRÁKĂNDI na NYÁBĔNDA, bavuga yûkó na wé nyéne yayíterekēye, kăndi túbirāvye yabívuga nk'úwubîzi, aríko ntíyashâtse kubísigūra idó n'îdó.

---

[38] KIGWĬNYA, umutŭmba KABAGO, 20/9/2011.

[39] NYABĔNDA Léonidas, umutŭmba KABAGO, 25/11/2011

**c) Ugutérekēra inguru**

Nk'ûkó twābivuze ubwā mbere, mu Bashûbi bó murí ako karêré ngo hărabâyemwó abăterekēra inguru. BIRANYÚRANA yazíterekēreye avuga yûkó băfata ibití vy'**ímitágari** bifisé amashámi, bakabiterekakó ubwâto bw'ígití c'úmurīnzi bāshízemwó amabuye y'ámasáre cănke y'ímijabú. Băguma básukamwó imibíra, bôngera bája kumījayó imihózo (ibití vy'ímigômbé bāvugútiye mu mâzi hānyuma bakaza baramījayo).

**d) Gutérekēra intézo (urutézo)**

Mu gutérekēra urutézo, BĬNDĀRIYE Lazare avuga kó băba báshāka kwîkīngira ku bīntu bibí bivūyé ku mizimú vyōshikíra umuryāngo. Băfata udutámyi (udushákará twŭmye băba bâratámuye), hānyuma bakatugōnda kúrya kw'ímirĭnga.Utwo dutámyi(arí zo ntézo), arí tuné cānké dutānu bakatumanika hējuru y'úmuryângo. Umŭsi wó kuzigōnda nó kuzimanika, ngo bĭrirwa baranywá bôngera bárya izûba rikarênga.

**3.5.2. Imihāngo ijānyé n'úkubāndwa**

Umuhāngo w'úkubāndwa ntíwarí wôroshe. Rwări urubănza rukoméye cāne. Mw'ītōhōza twăgize, abăduhāye inkurú bătubariye kó kugíra ngo umūntu abăndwé, vyămusaba umwîtegūro muníni;
BIRANYÚRANA, umushûbi-mutānganwa, wó ku mutŭmba wa Nyamabuye, agacīmbiri kā Nyamabuye, avuga yûkó uwugômba kubāndwa yarôndera imfŭngurwa z'ûbwôko bwĭnshi, akarōndera n'ínzogá, na zó nyéne z'ûbwôko bwĭnshi (imibíra, urwârwá). Ngo uwubândīsha ni wé yămbara ingeyo ku mutwé. Ijoro ryŏse ngo bărāra baratâmba, ibishĕgu bívyina, bánywa inzogá, uwufíse icó asabá Kirānga yarámusába. Búgira bucé, ngo băragênda mu mwônga wa Nyamabuye (ab'í Nyamabuye), cānké wa Cūnda (abó mw'ī Cūnda) gushōra **ibiyaga**. Uwubândwa yarámījagirwa amâzi arí gusa imbere y'ûkó batāhûka.

Búkēye, ngo băbāndānya kunywá, aríko urubănza rwăba rwâhéze. Ingeyo yakórēshwa mu kubāndwa ngo yacá ibîkwa, kugeza urŭndi rubănźa rw'ŭwo muhāngo rúgeze, kăndi ingeyo ngo yarátīzwa, ngo ntiyakórēshwa n'úmūntu umwé.

### 3.6. Ibibănza bătīnya hamwé n'îvyó bŭbaha

Mu muryāngo w'Ábashûbi bó murí ako karêré, hăriyó ibibănza vyări bítīnyitse, hakaba n'ibĭndi vyŭbahwa. Bavuga kăndi kó n'ŭbu ubwôbá butarâhéra nêza. Ivyo bibănza băvuga kó arí mu **Kazâmá** hamwé nó mu **Karehe**, ngo hariyó ibisígo bôbó bĭtá abavyêyi.

NDIHÓKUBWĂYO Adrien avuga ati:

> *«Ahāntu twătīnya n'ŭbu bitarâhéra ni kw'īsūmo ryó mu **Karehe** hamwé nó mu **Kazâmá**. Mu **Karehe** băhora bájayó gusaba imigisha, bákoma amashí, básaba abavyêyi. Mu kuhátegūra, vyăba mu kajoro atâbāntu baríko barahíta. Bărāhira ubwătsi bw'úruyănge bagasēzera. Mu gushikana na hó, băragégena ikirĕnde ari kibísi, (kitūmyé), bagasya uburó c□anké amasaká, bagashira umubíra murí câ kirĕnde, bagaca báterekayó. Băragémura kăndi n'îndyá zigizwé n'úbutsíma bw' úburó cānké bw'ámasaká, intore n'índagara, bagatérekayó. Băca báheza bagasaba ivyó bakenéye, nk'înká, ibibōndo, umugoré, umugabo, imigisha, n'ibĭndi. Mu Kazâmá na hó, ntā mugoré afisé indá cānké ahētsé umwâna yahâca búgorōvye, inda yacá imúnyikiramwó, umwâna na wé akazîngam»*[40]

[40] NDIHÓKUBWĂYO Adrien, umutŭmba Cūnda, le 8/9/2011

Ku bijânye n'íbibănza vyŭbahwa, abăduhāye inkurú băvuga yûkó bitări vyĭnshi aríko ibikúrubíkuru ní ibi:

Ikibănza băterekēreramwó isáto n'ínguru, ntā mwâna yarí arékuriwe kuhaja cānké ngo ahakiníre, abāntu b'ínyuma na bó nyéne ntíbări bárekuriwe kújayó.

Ahó băbīka ingeyo ntâ wasúbira kujá kuhápfūndurura atári ku mŭsi w'ímihāngo, icĭbagiwe có ni abâna bōgĭyeyo.

Ahó bāmanítse intézo z'úmuryāngo ngo hărasónerwa cāne. Ntā mwâna yarúkorakó cānké ngo arumanúre, rwăbīkwa hējuru y'úmuryângo ahó abâna badashiká.

Iyo nkurú yaráhūriwekó na BĬNDĀRIYE Lazare, NYABÊNDA Léonidas hamwé na BIRANYÚRANA.

### 3.7. Ubumenyi n'úbuhĭnga bw'Ábashûbi bó kū Nkîko y'Úkumoŝó n'âbó mu Bunyāmbo

Abashûbi bó murí iyo ntârá, bări báfise ubumenyi mu mice itāndúkānye; aha twōvuga:

-Ubumenyi bujānyé n' isí, ijuru, izûba, ukwêzi n'înyényĕri

-Ubumenyi bw' íbití n'íbitĕrwa;

-Ubumenyi bujānyé n'ímyūga;

-Ubumenyi bujānyé n'îmvúra, umurávyo, inkubá n'ímyūga.

**a) isí**

Abo bashûbi bavuga kó hárya isí inyigányiga, igahīndá mu gihe habāyé nyamugigima, ngo vyōba vyâkorwa n'ábāntu bănka umwămi cânké umugánwa.

BIRANYÚRANA avuga ati:

> *«kírya gihīndîsha isí, bavuga yûkó arí nyamugigima, aríko vyăva ku mūntu yabá akúbise urushí hāsí, isí igaca ihînda, idídima bívūye kuvyó yabá yáracîshije; búrya abāntu baramenya! Vyăravá kăndi kū ntwâro. Vyăva ku kurwānira gutwâra igihúgu. Akúbise urushí hāši yabá agômvye kumúsema ngo uyo yabá atwâra igihúgu apfe»*[41].

**b) Ijuru**

Ijuru, KANYÊDŎNZI Cassien, avuga yûkó ijuru arí umuvyêyi, aríko ngo ryărashóbora kugēnda nêzá cānké rikagēnda nâbí, kăndi vyöse vyăva kū Mâna. Iyó imvúra icĭtsé ibitĕrwa bítarĕrá, ijuru ryăba ryâgēnze nâbí, aríko iyó imvúra yagŭye nêzá imirimá ikêra, băvuga yûkó ijuru ryāgĕnze nêzá.

**c) Imvúra n' úrubúra**

Imvúra ngo yazánwa n'ábavúrati, ni bó băyigabanya cānké bakayōngereza. Ngo imvúra yavúbwa n'ábāntu. Abāntu bó murí ako karêré ngo băratânga ivyó kuryá, bakabishīra umuvúratí ngo azôvubé imvúra nzĭzá, itagiramwó urubúra n'ímiyaga yōnôna indimo. Ivyo vyăvuzwe na NYÁBĔNDA Léonidas, BIRAKÁZE Agricole hamwé na KÍGWĬNYA. Bavuga kăndi kó mu gucîsha imvúra, umūntu ayishăka, yarôndera uwuyîzi, yayícīshije, akamúha umutí n'íbihēko, hānyuma nawé agahéza akavuba; na yó urubúra ngo yarí amabuye yakóroka mū mvúra kubêra abavúrati bagōmvyé yûkó aho hāntu hamerérwa nâbí, băraharúvubira.

---

[41] BIRANYURANA, umutūmba NYAMABUYE, 19/11/2011

**d) Ukwêzi n' îzûba**

Kubijânye n'ûkwêzi, abo bashûbi bavuga yûkó ukwêzi aríkwo kubĕshahó umūntu, iyó gushătse, uyo mūntu ntíyashóbora kurāmba. NDIHÓKUBWĂYO Générose wó ku mutŭmba wa Nyamabuye, agacīmbiri kā Nyamabuye, avuga kó arí co gitúma iyó guserútse băkwĕreka ibipfŭnsi, bakavuga bati :

> *« ukwânjé ni uku, ukwâwé ni uku, ahó wansíze ního unsănze, urāntūnga murį uku, mu kŭndi nzōmenya iyônjá.»*

Ngo ukwêzi băguha ukubămfu nabó bakīha ukuryó kăndi ngo ukwêzi kwăserukira mukŭndi, izûba naryó rigasubira mu buseruko hákiri ku mugórōba.

BIRANYÚRANA agira ati:

> *"Hárya rēró ukwêzi kubonekera mu kŭndi, aríko izûba ryó rirarênga hānyuma rigasúbira inyuma mu gihe c'ámakáma y'înká; iyó wīcáye mu rugó urashóbora kuríbona ríca ibikêké."*[42]

**e) Ibití**

Ku bumenyi bw' íbití, BIRANYÚRANA avuga yûkó hărihó ibití bătēra bikanága kăndi ngo zări zó mpŭzu z'ábāntu, aha avuga: imivumúvumu n'ímimânda. Avuga kăndi kó ibití nk'imikúbagwá, imivyîvyí, imikândá, ibihôndogori n'îmiganasha, vyăvakó ibihēko băkorēsha mukwĭkīngira. Ibĭndi na vyó ni nk' ímigômbé, imirīnzi, imitágari hamwe n'ímimândá, ngo vyăbafasha mu mihāngo y' ímigirwá băkora.

---

[42] BIRANYÚRANA, umutŭmba NYAMABUYE, 8/9/2011

**f) inkubá**

NYABĔNDA Léonidas, Umushûbi-Mutānganwa, wó ku mutŭmba wa KÁBAGO, agacīmbiri kā KÁBAGO, avuga yûkó inkubá arí ikinyoni kiníni kimezé nka NTĪZISÚKA (igisákina), ngo n'íkigírigíri ni nka NTĪZISÚKA. Ni ikinyoni kiníni có mu bwôko bw'íbigûngumuká, gifisé ikigírigíri nk'ímbāta, kiryá cāne inzóka. Inkubá iza mu murávyo, cānké ikāza imvúra igíkuvye. Inkubá igômba gukúbita ikīntu, irarávya ikātsa amatára.

**g)Imyūga**

Kubijânye n'ŭbwo bumenyi, KIGWĬNYA avuga yûkó mu bumenyi abashûbi bări báfise bwări ubwó kwŭbaka inzu, kujîsha igisēnge c'ínzu zā kêra. Avuga kăndi kó sé wîwé RUSŪMO yatéga ingurube n'ímpōngo. KIGWĬNYA na wé ngo yarêgeka imizīnga akōngera akabûmba inkóno. NTABÁ, murúmuna wa RUSŪMO, ngo yarájīsha ibisămba, ngo mberé na MÍNĂNI, umuhŭngu wa NTÁBA aracâbijîsha n'ŭbu.

# IKIGABÁNE CĀ KÁNE:

# URUHÁRA RW'ÁBASHÛBI BÓ MU NTÂRÁ Y'ÚBUNYĀMBO N'ÎNKÎKO Y'ÚKUMOSÓ MU KWÛBAKA UBURŬNDI

Uburŭndi bw'ăho hāmbere, buherêreye mu karêré kó mu Bunyāmbo nó kū Nkîko y'Úkumosó, dusāngamwó abāntu baké cāne bó mu muryāngo w' Ábashûbi bóbá bâratwâye kū ntwâro ya cămi, aríko n'âhó amabānga bări bájējwe atări ahâmbāye cāne, bări báyafise.

## 4.1. Amabānga n' ámabāngo yabêgukira

Murí abo bashûbi, hărabâyemwó Abakŭra b'íbituríre vy'í Bugánwa, abărārīra ibugánwa, abărwānira umugánwa hamwé n'ábahámagazi. Hariħó mberé n'ábăgabanye inká kubêra ibikorwá vyīzá băkora.

BIRAKÁZE Agicole, Umushûbi-Murasagisīga, avuga yûkó Sé MARĀNGO yagábanye inká kwā NTĒTURUYE Sé wa MÚKŬRÁ, kubêra **yamúrwānira** akōngera **akarârīra**. Ngo Sĕkuru GASÂGO na wé nyéne ngo yarágabanye inká kwā NTĒTURUYE kukó **yarârīra**. Agira ati:

> *«Ntitwări bwîmúke, NTĒTURUYE yatwâra RYĀNSORO, iyo nká dātá yayígabanye kubêra yarârīra hānyuma agashikana; yarí atónye cāne kukó yarí umurwānyi yamúrwānira, eka na sógokúru GASÂGO yarágabanye inká nyĭnshi kwā NTĒTURUYE; NTĒTURUYE yarí mwĕne RÚGABÉ, mwĕne RWĀSHA rwā NTÁRE »*[43]

BIRANYÚRANA, Umushûbi-Mutānganwa wó ku mutŭmba wa NYAMABUYE avuga kó séwăbo NYABĔNDA yabâye **umuhámagazi** (ajējwé kumenyēsha amatégeko y'ábakurú) ku mugánwa KŌBAKÓ, mberé ngo yarámugábiye n'înká.

[43]BIRAKÁZE Agricole umutŭmba NYAMABUYE, 15/8/2011.

Avuga kăndi kó sé wa KÍGWĬNYA yītwá RUSŪMO, yabâye **Umurōngōzi** ku Mugánwa BUJĒNJEGERI. MPŌNDA, Sĕkuru wa KÍGWĬNYA, na wé yarágēnda gukóra ibugánwa akōngera **akarârīra**, hānyuma aragabana inká. KIGWĬNYA avuga ati:

> *« Dātá RUSŪMO yarábaye umurōngōzi hānyuma aba umuhámagazi, ku mugánwa BUJĒNJEGERI, hānyuma arasaba baramugabira inká zibiri: BIRĒNZI na MBĀZANO. Sogókuru MPŌNDA na wé yahóra ajá gukóra ibikorwá ibugánwa, yôngera akûra ibituríre (yĕgeranya amashikánwa azôjá ibugánwa) ku mugánwa BIGANA, hānyuma yarámusávye na wé aramugabira inká MUTSĂMA, mberé inyána yâyo ní yo yakôye māwé».*[44]

**Umwîhwēzo**

Dúfatiye ku nkurú zătānzwe, dusānga mu Bashûbi bó murí ako karêré, abări bájējwe amabānga ibugánwa, bări Abashûbi–Batānganwa hamwé n'Ábashûbi b'Ábarasagisīga, arí na bó baharwĭriye. Nk'ûkó abătānze inkurú băbishikirije, hărabâyemwó abăbāye abarōngōzi, abahámagazi, Abakŭra b'íbituríre hamwé n'ábărwānira umugánwa.

---

[44] KIGWĬNYA,, umutŭmba KABAGO,30/11/2011

## 4.2. Abăsêkúruza bó murí izo ntârá băbāye rurāngíranwa

Mu vy'úkurí Abashûbi twăgizekó amatōhōza, n'âhó abĕnshi bĭmutse báva mu yĭndi mihîngo, twăsānze ubuhizi bwâbo búfatiye ku myūga yó kwîtēza imbere, kukó murí bó ntâ warôngōye igihúgu, intârá cânké Inkîko yöse cânké Ubunyāmbo. Murí ako karêré, uwatwâye yabâye umurōngōzi, cânké umuhámagazi nkûkó twābishikírije imbere y'ígihe. Abĕnshi băbāye rurāngíranwa mu bijânye n'úbuhĭnga cânké imyūga, aríko harihó n'ábărwāniye igihúgu.

Mu Bashûbi b'Ábarasagisīga, abāntu băbāye rurāngíranwa ní KĀBUGÉRE hamwé na SERÁMA, bărwāniye igihúgu ku Mugánwa NTĒTURUYE.
BIRAKÁZE Agricole avuga ati:

> *« KĀBUGÉRE yarí intwâri kukó yarwânira umugánwa NTĒTURUYE; uyo mugánwa yaramugábiye n'ítōngo, ni ryó n'ŭbu abasígaye mu Ryānsoro bakibamwó. SERÁMA sé wa GÁSĀGO na wé nyéne yarí yárahâwe irĭndi tōngo na MWÊZI kubêra yarí umukŭra w'íbituríre hānyuma aramusaba. »*[45]

Mu karêré twăgizemwó itōhōza, mu Bashûbi b'Ábarasagisīga, uwaháje ubwā mbere ní BIRAKÁZE Agricole, uyo na wé ngo ni wé yabâye intwâri aho hāntu mu kwŭmvīkanīsha abāntu, mu buhanūzi, nó mu mănza z'ûkwâtira. Atábonétse ku mutŭmba wa Nyamabuye ngo ntā căshoboka, ngo băramurîndīra kugeza ashítse; nó murí iki gihe nyéne ngo ntasānzwe murí iryo bānga.

---

[45] BIRAKÁZE Agricole,umutŭmba NYAMABUYE,23/11/2011.

Mu Bashûbi Batānganwa, abāntu bībúkwa băsize umuganí ní: RUNYEGERI, NYABĔNDA na RUGIRABAKĀMBWE. Igitúma abo bāntu bībúkwa cāne, BIRANYÚRANA agira ati:

> *« RUNYEGERI turamwībuka cāne kukó arí we yĭgīshije cāne abó mu muryāngo wâcu uburyó bwó kwĭtūnga. Yarêgeka cāne akōngera akabāndīsha abó bigōye bātēwé n'întêzi; NYABĔNDA na wé yadúshikira ibugánwa bigatuma túmenyēkana kukó yarábāye umurōngōzi, hānyuma aba umuhámagazi. RUGIRABAKĀMBWE tumwēmera kubêra ivy'úgutérekēra. »*[46]

Túbirāvye nêzá dusānga mu Bashûbi Batānganwa, uwŏba rurāngíranwa kurusha abăndi böse mu karêré k'ítōhōza, yôba MPŌNDA, kukó arí we yahâje ubwā mbere avûye i Nkóma ya Bánege, murí komĭne Mpĭnga-Kayove, arí na wé kûmburé abo Bashûbi-Batānganwa bōbábâravûyekó. Mu bashûbi atā wŭndi muryāngo băvūyekó (atári igisáta), uwabâye rurāngíranwa ní NTĀBĂNGANA sé wa BĬNDĀRIYE kukó arí wé yaményēkanye cāne kwā BUJĒNJEGERI, akaba yáranagábiwe. Aríko mu vyó ukurí, BĬNDĀRIYE Lazare ní we yashítse ubwā mbere murí ako karêré k'ítōhōza (i Nyamabuye), ni nawé azí imiryāngo myĭnshi y'ăho hāntu atūyé.

[46] BIRANYÚRANA, umutūmba NYAMABUYE, 23/11/2011

# UGUSÔZĒRA

Túmaze kugira amatōhōza ku bibázo bimwêbímwe vyībázwa bijānyé n'úmuryāngo w'Ábashûbi bó mū ntârá y'Înkîko y'Úkumosó n'îy'Úbunyāmbo, twărashítse ku mahāngiro makurúmákuru akwiríkira:

Ubwāmbere ihāngiro rijănyé n'úkumenya intârá abo Bashûbi babámwó n'îyó băje báva. Ku mazína y'ŭbu, abo Bashûbi twătōhōjekó baba mū ntârá ya Rutana, ikómĭne zā Gítŭnga na Rutana, ku mitŭmba ya Nyamabuye, Kabágo, Cūnda, Kazĕba na Gaseri. Mu bucīmbiri bwā Nyamabuye, Shêmbe, Kabágo, Mwākīro (Kamonyi), Cūnda, Kazĕba na Gaseri. Ako karêré kări gáfise intârá kăbarízwamwó mu gihe c'întwâro ya cămi. Hări kū **Nkîko** y'**Úkumosó,** nó mu **Bunyāmbo.** Umuryāngo w'Ábashûbi watûye aho hāntu, uri mu mirwi itatu. Hari Abashûbi b'Ábarasagisīga, băserukiwe na BIRAKÁZE Agricole, băje báva murí komĭne Ryānsoro, mu ntârá ya Gítega, ku mutŭmba wa Nyágatágara. Hari Abashûbi b'Ábatānganwa, băkomōtse murí komĭne Mpĭnga-Kayove, ku mutŭmba wa Nkóma, baserúkirwa na sêkúru wa KIGWĪNYA yītwá MPŌNDA. Hakaba kăndi n'úwŭndi murwi ugizwe n'Ábashûbi batarí igisáta c'úwŭndi muryāngo, băje báva ku mutŭmba wa Nyakuguma murí komĭne Gitānga, intâráya Rutana, mu gacīmbiri kā Gahāngaza. Abo Bashûbi na bó băserukiwe na BĬNDĀRIYE Lazare kukó arí wé yashítse ubwā mbere murí ako karêré k'ítōhōza. Twîhwēje ingéne abo Bashûbi bătūye murí ako karêré n'ícătumye bĭmuka, dusānga bŏse, urétse BĬNDĀRIYE Lazare yajé ahûnga intwâro mbí y'úmukázo, băje kurōndera amatōngo yāgútse kăndi yōbá améra gusūmba ayó bāhoramwó. Mu gushika aho hāntu, bamwé băkiriwe n'ábabânyi băhasānze, abăndi na bó băshikiye aho būbaka agasâgo, ntā wabâkiriye.

Ubwā kábiri, ihāngiro rijānyé n'îngéne imicó n'ímigēnzo yâbo vyări yîfashe. Imicó n'ímigēnzo y'ăbo bashûbi yarí ijânye n'íbimazi bămbara, ibiterékērwa hamwé n'úkubāndwa. Abo bashûbi bări báfise n'ímiziro băgēnderakó. Ubwā gátatu, ihāngiro rijănye n'ímigirwá n'ímihāngo y'Ábashûbi bó murí ako karêré.

Ku bijânye n'ímigirwá n'ímihāngo yăbo Bashûbi, Murí bo hărimwó abări bâzi imigirwá n'ímihāngo ijānyé nó gutérekēra inguru, ingeyo, isáto, intāma nyamwêro n'íbĭndi. Bări báfise kăndi ubumenyi bw'îngéne băbona ibīntu. Aha twōvugá ubumenyi bujānyé n'îmvúra, inkubá, isí, izûba, urubúra, inyényĕri, nyamugigima n'ûkwêzi. Ubwā káne, ihāngiro rijānyé n'îngéne abo Bashûbi bări báfise amabānga n'ámabāngo yabêgukira kū ntwâro yá cămi, tútībágiye abăbāye rurāngíranwa murí ako karêré. Itōhōza twăgize rēró rirafise icó ritāndúkāniyekó n'íbĭndi vyĭgwa vyăkozwe ku miryāngo. Itândukāniro nyamúkurú, ni ukó uwo muryāngo w'Ábashûbi atā warí bwâwutŏhōzekó murí ako karêré k'ítōhōza, akórēsheje ibibázo vyăkorēshejwe. Ku Bashûbi b'í Gitára, mū ntârá ya Karabôna, SADIKI Elie yasânze háriyó ibisatá vy'Ábashûbi bikuríkira: Abashûbi b'Ábafuné, Abashûbi b'Abamīja bīyíta Abagára, Abashûbi b'Ábatámenwá, Abashûbi-Barōnda, Abashûbi-Babānge hamwé n'Ábashûbi Basarí. Kurí ivyo bisatá vy'Ábashûbi amatōhōza yasânze hîyongēyekó, ibisatá vy'Ábashûbi-Batānganwa n'Ábashûbi-Barasagisīga. Gushika ubu, mu vyó abo bashûbi bīpfūza, amahóro n'úkubâna nêzá n'ábăndi barŭndi bīza ubwā mbere.

Ku vyó twōbá tútăshoboye gushikakó, amarêmbo arūguruye ku batōhōji bazôbândānya iki gikorwá, hâba mu kutwūngānira cânké mu kudútōra amakemwá. Turîpfūza kó abazôbândānya itōhōza, bōshimíkira ku vyó tutăshitsekó, arí vyo vy'îbi: ntítwăshoboye kumenya ahāntu hōse abăndi bashûbi babá kugira ngo umūntu amenyé ibisatá vyĭnshi vyōtumá umūntu agíra icēgeranyo c'ámashámi yōse yōbá yávūye murí uwo muryāngo. Amatōhōza twăgize ku bisatá vy'Ábashûbi bó mu Bunyāmbo nó kū Nkîko y'Úkumosó, twăsānze hári Abashûbi-Barasagisīga hamwé n'Ábashûbi Batānganwa. Twăkoreye mu karêré kamwé k'ítōhōza. Akarêré k'Úbunyāmbo n'Înkîko y'Úkumosó ntígasigûwe nêzá kukó abătānze inkurú wasânga bátībúka nêzá imbíbe. Aríko twăragérageje kuzirōndera twîsūnze amakáratá y'întârá z'Úburŭndi bwó mu gihe c'întwâro ya cămi mu 1945.

Ikirīngo abo bashûbi b'Ábarasagisīga, n'Ábatānganwa bōbá bâtānguriyekó kwîtwa iryo zína ntícībúkwa.

Ku bijânye n'îvyó bāterekēra, ntítwāshoboye kubíbona ngo tubifaté amasánāmu kukó bitakirihó, kubêra kāndi bābāye abakrīstu, vyīshi bakabíturira. Aha twōvúga nk'í**ngeyo, inguru, isáto** hamwé **n'íbimazi** bāmbika abâna b'ámazína y'ímiziha. Amakáratá y'ímitūmba n'úducīmbiri atárābóneka.

## ssIBITABU VYĂFASHIJE MW'ĪTŌHŌZA

### A) Kazīndūzi

BOUDON R. et BOURRICAUD F., *Dictionnaire critique de la sociologie,* Paris, P.U.F, 1984

CHEVALIER J. et GHEERBRANT A., *Dictionnaire des symboles*, Paris, Robert Lafont, 1982, 1060 p.

PANOFF, M. et PERRIN, M., *Dictionnaire de l'ethnologie*, Paris, Payot, 1973

RODEGEM F.M. , *Dictionnaire Rundi – Français*, Tervuren, AMRAC, 1970

VAN DER BURGT, J.M., *Dictionnaire Français–Kirundi*, Bois-le duc, illustration catholique, 1903

*Le Grand Dictionnaire Encyclopédique*, T.9, Paris, Librairie Larousse, 1984, 6556 p.

### b) Ibitabu vyērékeye Uburŭndi n'íbihúgu bibânyi

BOURGEOIS R., *Banyarwanda et Barundi, Religion et magie Tome III,* Institut royale coloniale Belge, Bruxelles, 1954, 4 vol.

CHRETIEN, J.P, *Le Burundi : L'histoire retrouvée. 25ans de métier d'histoire en Afrique*, Paris, Karthala, 1993

GORJU J., *Face au royaume hamite du Rwanda, le royaume frère de l'Urundi,* Bruxelle, Vromant & C°, 1938

HERTEFELT, M. d', *Les Clans du Rwanda anciesn : Eléments d'ethnosociologie et d'ethninohistoire.*(repris d'une publication du musée royal de l'Afrique central).

MWOROHA E., *Peuples et rois de l'Afrique des Lacs, le Burundi et les royaumes voisins au XIXème siècle,* Dakar-Abidjan, les Nouvelles Editons Africaines, 1977, 317 p.

RADCLIFFE-BROWN A. R. et FORDE, *Systèmes familiaux et matrimoniaux en Afrique*, Paris, P.U.F. 1953.

SAMBEEK, J.V., *Croyances et coutumes des Baha,* T2, 1950, p.26

HUSTONN., *Dire et interdire, Elément de jurologie*, Paris, Payot, 1980, 198 p.

**c)Ibitabu vyērékeye Uburūndi**

BIGANGARA J.B., *Pour une anthropologie de la famille et du mariage traditionnel au Burundi,* Bujumbura, B.P.850, 1986

GAHAMA J., *Le Burundi sous Administration Belge,* Paris, Karthala, 2001

HARROY J.P., *Burundi 1955-1962 : souvenirs d'un combattant d'une guerre perdue*, Bruxelles, Hayez, 1987.

NGAYIMPENDA E., *Histoire du conflit politico-ethnique burundaise, les premières marches du calvaire (1960-1973),* Bujumbura, éd. La renaissance, 2004

NTAHOKAJA J.B., *Imigēnzo y-íkirŭndi*, Bujumbura, U.B., 1978, 168 p.

NTAHOMBAYE. P., *Des Noms et des hommes, aspects psychologiques du nom au Burundi*, Paris, ed. Karthala, 1983.

RAMPAZZOL, *La famille au Burundi*, Bologna (Italia), 1979

ROZIER R., *le Burundi pays de la vache et du Tambour*, Paris, la presse du palais royal, 1973

SIMONS E., *Coutumes et institutions des Barundi*, Elisabethville, 1944

ZUURE B., *Croyances et pratiques religieuses des Barundi*, l'essorial, Bruxelles, 1929, p. 159

**d) Ibikorwá vy'úmutsîndo**

BAHENDUZI M., *Le muganuro et l'umwaka : Deux fêtes rutuelles du Burundi ancien*, Bujumbura, ENS, 1977

BIGIRIMANA P. C., *Le Rôle et la place du clan des bajiji dans les structures politico-Administratvies de l'Etat burundais des origines aux XXème siècle,* Mémoire, Bumbura, U.B.

NDAYISHIMIYE G., *Amayagwa n'imigenzo y'ikirundi,* Mémoire, Bujumbura U.B., 1984, 196p.

NIYONGABO C., Une E*tude Anthropologique du phénomène de la malédiction dans le Burundi traditionnel*, Mémoire, Bujumbura, U.B. 2007.

NIYONGABO Pascal, *Imiryango y'Abavumu n'Abarunga bo mu bututsi bwa Matana : imico n'akaranga kabo*, Mémoire, Bujumbura, U.B., 2012

NIYONIZIGIYE Isaac, *Umuryango w'Abazibira wo muri komine Burambi : Amamuko, imico n'imigenzo yabo,* Mémoire, Bujumbura, U.B.,2013

SADIKI Elie., *Umuryāngo w'Ábashûbi b'í Gitára kwā Karabôna*, Mémoire, Bujumbura, U.B., 2007.

SHIRAMBERE M., *Les Fondements culturelles du pouvoir dans le Burundi ancien*, Mémoire, Bujumbura, U.B., 1984

NIMUBONA Alexix, *Essais de justification des tabous liés à certains clans du Burundi*, Mémoire, Bujumbura, U.B.

e) **Ibinyámakurú**

BENEZET B., « Démocratie dans un monde pluri-culturel », in *A.C.A,* n°3-4, 1996

BONVINI E., « L'Injure en Kasim » in *Afrique et langage*, n°13, 1995, 196 p.

VIDAL C., « Situation ethnique du Rwanda » in *Au cœur de l'ethnie*, Paris, Karthala, 1994

# INYÓNGERÁ

## I. ibibázo vy'ítōhōza

### *A. Ukwîdōndōra*

1. Mbĕga wewé wītwa ndé? Uri mwĕne ndé? (adōndagura bā sêkúruza azí bo□se)
2. Ufise imyâka ingâhé?
3. Ahó wavûkiye ní hé?
4. Agacīmbiri kītwa gúte?
5. Umutŭmba wītwa gúte?
6. Ikómĭne yītwa gúte?
7. Intârá yītwa gúte?
8. Ahó ubá hītwa gúte?
9. Agacīmbiri kītwa gúte?
10. Umutŭmba úbakó wītwa gúte?
11. Ikómĭne úbamwó yītwa gúte?
12. Ufise imyâka ingâhé? (wavûtse ryârí?)

### *B . Ibibázo vyērékeye uturêré*

1. Izína ry'úmutŭmba NYAMABUYE / KABÁGO / CŪNDA / KAZĔBA / GASERI / risigūra ikí?
2. Iryo zína ryăvūye kukí?
3. Kĕra hó hōba hâri háfise irĭndi zína?
4. Ryăhīndutse kubêra ikí?
5. Kū ngoma y'úmwămi Abagánwa bătwāra ng'ăha ubá ní bāndé?
6. Abatwăre bâbo bó bări bāndé?
7. Abo bagánwa n'ăbo batwăre bătwāye ryârí?
8. Wōmenya insígūro y'ágacīmbiri / umutŭmba / ikómĭne / akarêré vy'ăha hāntu?

*C. Ibibázo vyērékeye imiryāngo*

1. Kudôndagura uwo muryāngo: izína n'âhó uwo muryāngo utūmbéreye

1.1 Umuryāngo wāwe ní uwûhé? (mwītwa abakí?)

1.2 Iyǐndi miryāngo muhāna urubíbe ní iyîhé?

1.3 Wōmenya iyǐndi mihîngo dusăngamwó uwu muryāngo wânyu?

1.4 Abo babá murí iyo mihîngo hári icó mupfānā?

2. Izína, icîvugo n'íbisatá vy'úmuryāngo (amashámi)

2.1. Izína ry'úmuryāngo wânyu Abashûbi risigūra ikí?

2.2. Wōmenya iyó iryo zína ry'úmuryāngo wânyu w'Ábashûbi ryăvūye n'îcó ryăvūyekó?

2.3. Hăbāye ikí ? Vyăgēnze gúte? Uwaryîswe ubwā mbere nî ndé?

2.4. Umuryāngo wânyu w'Ábashûbi wōba ufíse icîvugo ? ni ikîhé?

2.5. Mbĕga ico cîvugo cōba câvūye kukí? Hăbāye ikí? Vyăgēnze gúte?

2.6. Uwo muryāngo wânyu w'Ábashûbi hári amashámi cânké ibisatá ufisé?

2.7. Uwo muryāngo wânyu wōba arí igisatá c'úwŭndi muryāngo?

3. Amâmūko y'ŭwo muryāngo n'îngéne băshitse aho hāntu

3.1. Umuryāngo wânyu w'Ábashûbi wāmūka hé?

3.2. Uwagérēye ubwā mbere aha hāntu nî ndé? Yĭmutse kubêra ikí?

3.3. Yajé ryârí? Yazánanye na ndé? Hări ku mwămi n'úmutwăre bĭtwa bāndé?

3.4. Yăkiriwe nă ndé? Vyăgēnze gúte ?

3.5. Wōshóbora kudônda urutŏnde rw'ábāsôkuru bāwe wîhēreyekó gushika ku wānyuma ?

3.6. Ni bāndé băbagerēreye ? Vyăgēnze gúte ?

3.7. Ni bāndé mwăgerēreye ? Vyăgēnze gúte ?

4. Imicó n'ímigēnzo irāngá uwo muryāngo

4.1. Ni iyîhé micó mwōvugá kó irāngá umuryāngo wânyu ?

4.2. Hari ibimazi cânké ibiterékēranwa umuryāngo wânyu warí ufíse ?

4.3. Hari ibimazi uwo muryāngo warí ufíse ?

4.4. Amabānga n'ámabāngo yĕgukira umuryāngo wânyu yarí ayâhé kĕra ?

5. Imicó n'ímigēnzo ijānyé nó guhâna abageni

5.1. Imiryāngo muhāná abageni ní iyîhé?

5.2. Imiryāngo mwăzira ní iyîhé?

6. Ubumenyi n'úbuhǐnga bwā kêra

6.1. Ubumenyi n'úbuhǐnga bwā kêra murí uwo muryāngo ní ubûhé? Băbisigūra gúte?

6.2. Abāntu bĕne ubwo bumenyi ní bāndé?

7. Ibibănza bitīnywá cânké vyŭbahwa.

7.1. Ahāntu hătīnywa, hŭbahwa ní hé? Băhakorera ikí?

7.2. Vyăgēnze gúte?

7.3. Imiziro y'âho ní imikí? Imihāngo băhakorera yó ní iyîhé?

8. Abāntu băbāye rurāngíranwa murí uyo muryāngo

8.1. Nī ndé nă ndé? Băgize ikí kibatumá bîbukwa ?

8.2. Abāntu băbāye rurāngíranwa murí kăhise kā vúba ní bāndé?

9. Ubutóni n'úbutwâri bw'ábāsôkuru

9.1. Hari abagánwa n'ábatwăre bătonēsheje umuryāngo wânyu ? Ni bāndé? Vyăgēnze gúte ?

9.2. Hari abagánwa cânké abatwăre bătāse na bāsôkúru ? Vyăgēnze gúte ?


9.3. Abāntu b'întwâri iwănyu ní bāndé? Băkoze ikí kidasānzwé?

## II.Amakárata

### Ikárata1 : Intâra z'Úburŭndi bwó mu 1945




**Ikárata 2 : Intârá ya Rutana n'ámakómĭne y'ítōhōza : Gitănga na Rutana**



**Ikárata 3 : Imitŭmba y'ítōhōza irí murí komĭne Gitănga**



**Ikárata 4: Imitŭmba y'ítōhōza irí murí komĭne Rutana**



## III. Ibití ndôdamvyâro

A. ABASHÛBI- BARASAGISĪGA

MUHŌZI (1748)

KABUGÉRE (1778)

NKUBÂRA (1808)

SERÁMA (1838)
+ Sheméza (umuhorokazi)

GASÂGO (1868)
+ Naniye (Umurăzikazi)

RUCĒBERA (1866)
+ Inamitāri (Umujîjikazi)

NYABĚSHI (1864)
+Barindambi (Umuhorokazi)


MARĀNGO (1898 )
+Ntirinigá(Umurishikazi)

RUSHĚNZA (1902)
(yapfûye arí umusóre)

RUYŌNGOBEZA (1926)
+ Ntibagenyêra (umuhorokazi)


BUKŎTO (1896)
+ Magāmbo(Umushûbikazi)

(a)BIRAKÁZE (1924)
(b)MŪNTUNÛTWÉ (1926)
(c)NTAGŌYÉ (1928)
HAKIZIMÂNA (1932)
NIYÓNSABÁ (1934)
(d)BWĒNDÁ (1926)
(e) NYARUSHATSI (1928)




M.N: Utudomé (a), (b), (c), (d), (e) dusigūra kó umuryāngo ubāndâniriza ku rupapuro rukurikira haríko (a'), (b'), (c'), (d'). (e')

**ABASHÛBI ATARÍ ISHÁMI**



# C. ABASHÛBI-BATĀNGANWA

RUDURĒGA (( 1861)


SĪZIMWÉ ( 1891)
+ZIHABĀNDI Marceline (Umuragáne)


NTIBAGŎMBA (1921) MAHIGIRO (1923) NTĀMAVÛKIRO ( 1927) NDABASHĪNZE (±1929)
+BAHINDĀVYI (Umushûbikazi) +NĪCAYENZÍ(Umushûbikazi) +MUBÂNO (Umurishikazi) +CÍZANYÉ (Umushīngokazi)


BARŬMBĀNZE André (1952) NĪGEZÁ (±1954) NYĀNDWI (1956) KABŪRA Dismas (1958) GACÚRO(±1960) MUNÊZĒRO (1962) NĪNDAGÍRA(±1960) MAGENGE (1962) IRĂMBONA (1964) BUKURÚ (1946) KABWÁ (1948) CĪZÁ (±1951)
+BŪNÁME (Umurāzikazi)
NDARŪZANIYE (Umushīngokazi)


KAYOBERA (1980) RURĪMBI (1982) MUHWĀNYA (1987) SŪBWÎTIMBO (1989)
+KĀMPĪMBĀRE Jacqueline (Umushûbikazi)
NIKÓZŪBÁKWA (Umuhorokazi)


NDABÁHAGAMYE (2009) BIZŌZA ( 2011) NYONI (2007) NDIMURWÂNKO (2009) BĂMVUNA (2011)



BĀNKURUNÁGA (± 1831)
RUSHEMEZA
RUGIRABAKĀMBWE ( 1861)
+BAGÊNDA (Umuhorokazi)
NYABĔNDA ( 1863)
+NDARISHIKANYE (Umuhorokazi)
RUNYEGERI (1865)
NGIRIYABĂNDI ( 1893)
+MUKĔHA (Umushûbikazi)
BAGUMAKÓ (±1923)
BARĀMPAMA ( 1891)
+MUHÍTIRA (Umushīngokazi)
KABAGERAYÓ ( 1893)
NTAHOMVŪKÍYE ( 1865)
BIRANYÚRANA (1921)
NDIKŪMÂNA ( 1923)
NYABĔNDA ( 1925)
BARASHÍRUKANYA ( 1927)


BIRANYÚRANA (1921)
+MBĪNDÍGIRI (Umuhoro)
NDĪKÍMINWE Fabien (1971)
+HABONIMÂNA Jeanine (Umushīngokazi)
NYĀNDWI ( 1973)
+HAKIZIMÂNA
(Umurăzikazi)
BUCÚMI ( 1975)
+NIYÓNĪZÍGIYE
(Umushûbikazi)
KABŪRA ( 1978)
+HABONIMÂNA Concessa
(Umuhânzakazi)
NZŌYIHAYA
Phénias ( 2001)
BIKORIMÂNA
Phirmon ( 2005)
HAGABIMÂNA
Costăve ( 2007)
ITĀNGISHÂKA
( 2003)
TŌYI
( 2005)
NKWIRIKIYE
( 2008)
NDAYIKĒNGURUKIYE
(2010)
NĪZIGIYIMÂNA
(2006)
NĪSHĬMWÉ
(2008)
NĪYÚRUKÛNDO
(2010)
NIYÓNYISHÚ
(2012)
NDIHÓKUBWĂYO
(2003)
NĪTĀNGÁ
(2005)
YAMÚREMYE
(2008)
KĒZÁKÎMANA
(2009)
KANYÁMUNÊZA
(2011)


SHĂTI (1916)
KARÍBUKIRÉ (1946)
+MUHANUKA Rose (Umubǐmbakazi)
RURĪMBI (1948)
+KABŪRA(Umuhorokazi)
DIHÓKUBWĂYO Adrien (1976)
+NTĒTURUYE Dorine (Umujîjikazi)
NZĪSABIRA (1980)
+SĒNGIYŬMVA Jeanine
(Umushûbikazi)
BUREGEYA (1978)
GACÚRO
(1980)
MVŪKÍYE
(2006)
NĪNINÁHAZWE
(2008)
NǏNDAMÚTSA (2010)


BASÉSA (±1905)
BURAZIKA (1930)
+Karênzo(Umuhorokazi)
NDABASHĪNZE Antoine (1932)
+NIYÍZANYÉ Capitoline (Umuremērakazi)
MINĂNI Josians (1935)
+NĬMENYÁ Grégonie(Umuremērakazi)
NĬTERÉKA (1960)
+NZĒYIMÂNA Dénise
(Umuhorokazi)
KARORERO (1963)
+ NĬRERÁ Séraphine
(Umusĭndikazi)
KIRAHÁGAZWE (1965)
+MUNÊZĒRO Joys(Umujîjikazi)
NDIMURWÂNKO Zacharie (1963)
GAKÍMA Félicien (1990)
NZŌYIHAYA (1993)
BÎZINDĀVYI (1995)
Philippe
MUKĒZIMÂNA (1997)
Nestor


MURYĀMA
MPŌNDA (MUKOGOTI)
RUSŪMO (1889)
+KABŪRA (Umushûbikazi)
NTABÁ (1893)
+NDAYARĪNZE (Umushīngokazi)
KORÓGO (1895)
+BĪZINDĀVYI (Umubíbekazi)
KIGWĬNYA (±1919)
NZĒYIMÂNA (Umuhorokazi)
BUSIHÁ (±1921)
+KAD ĔNDE (Umushûbikazi)
NDIMUBĂNDI
(1923)
MINĂNI
(1925)
BUCÚMI
(1928)
MUHÉMĔRI
(1925)
NIYŪNGEKÓ (1951)
HAKOSA (1954)
NGĒNDABÂNKA (1949)
+NZIKÓRURÍHO (Umuhânzakazi)
NTEGAKĂJE (1951)
+HAGERIMÂNA
(Umurăzikazi)
BARAGÁFISE (1953)
+GAKŌBWÁ(Umuhorokazi)
ZIRĂMBONA Côme (1971)
+NĬFASHA Odette (Umubĭmbakazi)
NDAYÊGAMIYE (1983)
MÂNIRĂMBONA
(1979)
NKĒNGURUTSE
(1983)
NDAYISHĪMIYE
(1985)
NĬBOGÓRA
(1981)
TUYISĔNGE
(1983)
NDAYISHĪMIYE Cyrille
(1986)


BIDÉGEYE (1891)
BASHĨNGWA ( 1921)
+NTIRĀMBÍWE (Umuhīnda)
NDIKUMWĂMI Paul
(1951)
+ NIYONSABA Dorethée
(Umurishikazi)
NSĀNZERÚGEZE
( 1953)
+NIBONA
(Umuhorokazi)
MISÂGO Salvator
( 1955)
+NAHIMANA Marie
(Umubimbakazi)
NDAYĪMIRIJE
( 1957)
+NĬMENYAConsolate
(Umuranzikazi)
NDUWABÍKE Aaron
(1981)
+NĪZIGIYIMÂNA(Umurishikazi)
HABARUGIRÁ Cyprien
(1983)
+ NĀHÎMÂNA Aurélie(Umurăzikazi)
ITĀNGISHÂKA
(1985)
NĪYÚBŪNTU
(1987)
HATŪNGIMÂNA
(1983)
+NIYÓNSABÁ Gloriose
HAGABIMÂNA Fronaïs
(1960
NIZIGIYIMÂNA
Eduard
(1985)
HAVYĀRIMÂNA
Cyrille
(1987)
BUTŌYÍ
(2000)
AKÎTÊKÁ
Don Bertrand
(2011)
IRĂNEZEREJE
(2012)

NDABÁTĪNYA (1891)

NYĀNDWI Daniel (1921) +NĬMENYÁ Anésie (Umurishikazi)

GORÁGOZA (1923) +NTĒTURUYE (Umubĭmbakazi)

BARĂMPĀNZE Mose (1925) +NDABÎNIWE (Umuhīndakazi)

NTEZIRIBÁ (1951) + NĬMUBONÁ Coreth (Umujîji) (Umuragánekazi)

NDABÁTĪNYA Stanislas (1953) +NDAYÍKŪNDA Léocadie (Umushīngokazi)

NDAYÎBAHA Côme) (1955) +NDAYÎZÊYE Volive (Umubĭmbakazi)

BIKORIMĪNA (1957) +NTĀWUSÍGUMWÂNSI (Umuhorokazi)

BUCÚMI (1959) + NDIHÓKUBWĂYO

BIZŌZA) (1961) +MUNÊZĒRO (Umurăzikazi)

NDIKUMANGĔNGE Egide (1981)

NSHINYARWÛZUYE


# IV. AMASÁNĂMU Y'ÁBĂTĀNZE INKURÚ BAKURÚBÁKURU

**Ntibashirákǎndi Michel wó ku mutǔmba Nyamabuye, agacīmbiri Shêmbe (Umuhoro)**




**BIRAKÁZE Agricole, WÓ KUMUTŬMBA NYAMABUYE**

**agacīmbiri shêmbe (Umushûbi-Murasagisīga)**




KANYÊNDÖNZI CASSIEN WÓ KU MUTŬMBA NYAMABUYE,

**agacīmbiri Nyamabuye (Umujîji)**




**BĬNDĀRIYE LAZARE WÓ KU MUTŬMBA NYAMABUYE, agacīmbiri shêmbe (Umushûbi)**



**BIRANYÚRANA WÓ KU MUTŬMBA NYAMABUYE, AGACĪMBIRI**

**Nyamabuye (Umushûbi-Mutānganwa)**



**Umugômbe băvugutamwó imihózo băhorōsha mū nguru**

